**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**CABINET DU PRESIDENT**

**LOI ORGANIQUE N°1/04 DU 20 FEVRIER 2017 PORTANT MISSIONS, ORGANISATION, COMPOSITION, INSTRUCTION, CONDITIONS DE SERVICE ET FONCTIONNEMENT DE LA FORCE DE DEFENSE NATIONALE DU BURUNDI**

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi;

Revu la Loi n° 1/022 du 31 Décembre 2004 portant Création, Organisation, Missions et Fonctionnement de la Force de Défense Nationale du Burundi ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Vu l'arrêt RCCB 332 du 09 févvrier 2017 rendu par la Cour Constitutionnelle ;

**PROMULGUE :**

**REPUBLIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU w'IGIHUGU**

**ITEGEKO SHINGIRO INOMERO 1/04 RYO KU WA 20 RUHUHUMA 2017 RISHINGA IMIRIMO Y'URWEGO RW'UKWIVUNA ABANSI RW'UBURUNDI, INGENE RUTUNGANIJWE, ABARUGIZE, INYIGISHO, IBISABWA MU KUBA MURI URWO RWEGO, N'INGENE RUKORA**

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/022 ryo ku wa 31 Kigarama 2004 rishinga urwego rw'igihugu rw'ukwivuna abansi, ingene rutunganijwe imirimo yarwo n'ingenre rukora;

Inama Nshikiranganji imaze kuvyihweza;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza;

Twihweje urubanza RCCB 332 rwo kuwa 09 ruhuhuma 2017 rwaciwe na Sentare ijejwe kwubahiriza ibwirizwa shingiro ;

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

### Article 1 :

La présente loi organique fixe les Missions, l'Organisation, la Composition, l'Instruction, les Conditions de service et le Fonctionnement de la Force de Défense Nationale du Burundi « **FDNB** » en sigle.

La présente loi organique est rédigée en langue française et en Kirundi.

En cas de discordance, les dispositions écrites en français font foi.

### Article 2 :

La FDNB est dotée d'un patrimoine et jouit d'une autonomie de gestion sous contrôle hiérarchique du Ministre ayant la défense nationale dans ses attributions.

Un décret précise l'étendue et le contenu du patrimoine de la FDNB.

### Article 3 :

Les dispositions de la présente loi s'appliquent à la catégorie d'Officiers, de Sous-Officiers et de Militaires de rang.

Les différentes catégories du personnel de la FDNB sont régies par des statuts spécifiques fixés par la loi.

## IGICE CA I : INGINGO NGENDERWAKO

### Ingingo ya 1:

Iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro rishinga imirimo y'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi, **"FDNB"**, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa, ingene rutunganijwe, abarugize, inyigisho, ibisabwa uwushaka gukora muri urwo Rwego n'ingene rukora.

### Ingingo ya 2 :

Urwego FDNB ni urwego rwa Reta rufise imirimo rwiharije, rukagira amatungo yarwo bwite hatirengagijwe ko rugenzurwa n'Umushikiranganji ajejwe ukwivuna abansi.

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu riratomora uko amatungo y'Urwego FDNB angana n'ibiyagize.

### Ingingo ya 3 :

Ingingo z'iri bwirizwa zikurikizwa ku Ntwanzangabo, ku Bisongerezi vy'Intwanzangabo no ku Basirikare batoyi.

Imigwi itandukanye y'abakozi b'Urwego FDNB igengwa n'amategeko ngenderwako yerekeye umugwi umwumwe wose ashingwa n'ibwirizwa.

**Article 4 :**

Au sens de la présente loi organique ; les concepts ci-après sont définis comme suit :

- **Composante :** ensemble des moyens humains, matériels et logistiques destinés à la mise en condition opérationnelle d'une partie spécifique de la Force ; notamment les capacités terrestres, aériennes et maritimes ;

- **Doctrine** : ensemble de concepts et d'orientations adoptés selon la conjoncture stratégique à travers lesquels la FDNB ou certaines de ses composantes accomplissent leurs missions en vue d'atteindre les objectifs nationaux. Elle définit les modalités de mise en œuvre des moyens militaires suivant une stratégie claire et une organisation donnée ;

- **Ethique militaire** : ensemble des valeurs morales et comportementales ainsi que des normes liées à l'exercice du métier des armes, en temps de paix, de troubles comme en temps de guerre, et soumis au code de conduite militaire ;

**Ingingo ya 4 :**

Muri iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro, amajambo akurikira asiguwe uku :

- **ibigize Urwego FDNB** ni abantu bose, ibikoresho vyose n'ibindi vyose vya nkenerwa bituma umuce w'Urwego FDNB ufise umurimo wisangije ushobora gukora nk'ugushobora kurwanira hasi, mu kirere no mu mazi;

- **inyigisho z'ubuhinga bw'igisirikare** ni ivyiyumviro ngenderwako vyose n'intumbero vyemejwe hafatiwe ku kugene Urwego FDNB canke imice imwimwe irugize irangura imirimo ijejwe, mu ntumbero y'ugushika ku mahangiro igihugu ciyemeje. Izo nyigisho zitomora uburyo hashirwa mu ngiro ibikorwa vya gisirikare hisunzwe uburyo burashe n'itunganyabikorwa ritomoye ;

- **akarangamutima k'igisirikare :** ni imigenzo yose myiza n'inyifato yose ibereye hamwe n'ibikurikizwa mu kurangura umwuga wo gukoresha ibirwanisho, mu gihe c'amahoro, c'imidurumbanyo nko mu gihe c'intambara, kandi bikisunga amategeko agenga inyifato mu gisirikare ;

- **genre :** ensemble des principes socioculturels qui guident la cohabitation des hommes et des femmes dans une organisation tout en respectant leur différence basée sur leur sexe ;

- **Militaire de Rang :** Soldat de la FDNB portant le grade de Deuxième Classe à Caporal-Chef ;

- **réserve :** ensemble du personnel qui, sans être maintenu sous le drapeau, est susceptible d'être rappelé si les circonstances l'exigent ;

- **réserviste :** tout homme ou femme n'appartenant pas à l'armée d'active susceptible d'être rappelé pour effectuer des activités militaires limitées dans le temps ;

- **politique nationale de défense :** système de défense nationale adopté par l'Etat répondant le mieux aux besoins de la sécurisation du territoire national, du peuple et des institutions ;

- **posture :** ensemble des dispositions permanentes prises pour mettre le pays, en toutes circonstances, à l'abri d'une agression, même limitée, contre son intégrité territoriale et ses intérêts vitaux.

**ukudakumira hafatiwe ku gitsina** ni ingingo zose ngenderwako zerekeye imibano n'imico ziranga ukubana hagati y'abantu b'igitsina gabo n'ab'igitsina gore mw'ishirahamwe kandi hubahirijwe ubudasa bufatiye ku gitsina ;

**umusirikare mutoyi** ni umusirikare w'Urwego FDNB rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi afise ipete riva ku rugero rw'intango rugira kabiri kuri kugeza kw'ipete rya kaporare shefu ;

**umugwi w'abashobora gutumwako gufasha** ni abantu bose, n'aho bataguma batonda ku kazi ka gisirikare, bashobora gutumwako iyo bikenewe;

**uwushobora gutumwako gufasha** ni umugabo canke umugore adaharurwa mu basirikare bari mu kazi ashobora gutumwako kurangura ibikorwa vya gisirikare mu kiringo gitomorwa ;

**poritike y'igihugu yerekeye ukwivuna abansi** ni uburyo bw'igihugu bwo kwivuna abansi bwemejwe na Reta, bukwije neza ibikenewe mu gukingira umutekano w'igihugu, abanyagihugu n'inzego z'igihugu ;

**ubushobozi bw'ukwivuna abansi** ni ingingo zose zamaho zifatwa kugira igihugu came gikingiwe igihe ico ari co cose, kidashobora kubangamirwa n'icogitera cose, n'aho coba gitoyi, ku mbibe zaco no ku nyungu zaco kigenderako.

- **Réquisition :** acte écrit conférant à l'autorité civile, le droit de demander l'intervention de la FDNB pour maintenir l'ordre ou rétablir le fonctionnement des services publics.

**ukwikora ku gisirikare** ni ingingo yanditse iha umutegetsi wo mu ntwaro uburenganzira bw'ugusaba ko Urwego rw'ukwivuna abansi rutabara kugira habungabungwe umutekano canke kugira ibisata vya Reta bisubire gukora.

**Article 5**

La FDNB est au service du peuple burundais. Elle est un instrument de protection rassurant tout le peuple burundais.

**Ingingo ya 5 :**

Urwego FDNB rukorera abarundi. Rutegerezwa gukingira abarundi ku buryo bose barwizera.

**Article 6**

La FDNB reflète, dans sa composition, la volonté résolue des Burundais en tant qu'individus et en tant que nation, de vivre égaux dans la paix et l'harmonie.

**Ingingo ya 6 :**

Urwego FDNB, rutegerezwa, hafatiwe kubarugize, kwerekana ishaka ryumvikanyweko n'Abarundi bose, umwumwe ukwiwe canke nk'abagize igihugu kimwe, ryo kubana ata wandya wangura, mu mahoro kandi basenyera ku mugozi umwe.

**Article 7**

Le Gouvernement du Burundi met **à la disposition de la FDNB,** par l'intermédiaire du Ministre ayant la **d**éfense **n**ationale dans ses attributions, les moyens financiers nécessaires à l'accomplissement de ses missions.

**Ingingo ya 7 :**

Reta y'Uburundi, ibicishije ku Mushikiranganji ajejwe ukwivuna abansi iraha urwego FDNB amafaranga akenewe kugira rurangure imirimo rujejwe.

**Article 8 :**

Le patrimoine de la FDNB est insaisissable. L'Etat est garant de plein droit des obligations contractuelles ou délictuelles souscrites ou encourues par la FDNB.

**Ingingo ya 8 :**

Amatungo y'Urwego FDNB ntashobora gufatwa n'ubutungane. Reta ni yo ibazwa ivyo Urwego FDNB rutegerejwe biri mu masezerano urwo Rwego rwagiraniye n'abandi canke ibijanye n'amakosa rwakoze.

**Article 9 :**

La FDNB est établie conformément à la Constitution. En dehors des Corps de Défense et de Sécurité, il ne peut être créé ou levé aucune autre organisation armé.

**Ingingo ya 9 :**

Urwego FDNB rushingwa hisunzwe Ibwirizwa Shingiro. Uretse Inzego z'ukwivuna abansi n'iz'ijejwe umutekano, nta yindi mihari yitwaje ibirwanisho irekuriwe gushingwa canke gukoreshwa mu gihugu.

**Article 10 :**

Le Commandant Suprême de la FDNB est le Président de la République. Il nomme aux hautes fonctions de ce Corps.

**Ingingo ya 10 :**

Kizigenza w'Urwego rw'ukwivuna abansi ni Umukuru w'Igihugu. Ni we agena abajejwe amabanga ahambaye muri urwo Rwego.

**Article 11 :**

La FDNB rend compte de ses actions et travaille en toute transparence. Elle est soumise à l'autorité du Gouvernement et au contrôle du Parlement.

**Ingingo ya 11:**

Urwego FDNB rutegerezwa kumenyesha ibikorwa rurangura no gukorera ku mugaragaro. Rutegekwa na Reta kandi rugacungerwa n'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka.

## CHAPITRE II : DES MISSIONS

## IGICE CA II: IMIRIMO

**Article 12 :**

Les missions de la FDNB s'exercent dans le cadre de la défense de l'intégrité du territoire, de la protection de la population et du patrimoine national.

**Ingingo ya 12 :**

Imirimo y'Urwego FDNB irangurwa mu ntumbero y'ukurwanira imbibe z'igihugu, ugukingira abanyagihugu n'amatungo y'igihugu.

**Article 13 :**

La FDNB intervient exceptionnellement dans le contexte régional et international, dans le respect des engagements auxquels le Burundi a souscrit.

**Ingingo ya 13 :**

Urwo rwego rurafasha rimwe na na rimwe ku rwego rw'akarere na mpuzamakungu, hubahirijwe ivy'Uburundi bwiyemeje bukabishirako umukono.

**Article 14 :**

La FDNB assure la défense de l'intégrité du territoire national, de l'indépendance et de la souveraineté du pays.
Elle combat toute agression armée contre les institutions de la République et assure la défense et la protection des intérêts stratégiques et vitaux du pays.

**Article 15 :**

En appui à la Police Nationale du Burundi, la FDNB peut intervenir exceptionnellement dans le maintien et le rétablissement de l'ordre public sur réquisition formelle de l'autorité habilitée. Elle participe aussi aux missions de secours et d'assistance en cas de désastres et de catastrophes.

**Article 16 :**

La FDNB contribue au développement du pays dans le cadre de grands travaux d'intérêt public, de production et de formation.

**Article 17 :**

La FDNB participe, en appui aux autres partenaires en matière de sécurité, dans la lutte contre le terrorisme, les trafics illicites et la prolifération des armes. Elle participe également à des opérations de maintien de la paix sous l'égide des organisations Internationales, Régionales et Sous-Régionales.

**Ingingo ya 14 :**

Urwego FDNB rujejwe kurwanira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bwaco.

Urwo Rwego rurwanya abo bose babangamira inzego z'igihugu bakoresheje ibirwanisho rukongera rukarwanira kandi rugakingira inyungu zihambaye na nkoramutima z'igihugu.

**Ingingo ya 15 :**

Urwego FDNB rurafasha rimwe na rimwe mu kubungabunga no mu kugarukana umutekano mu gihugu bisabwe n'umutegetsi abifitiye ububasha kandi yisunze amategeko. Urwo rwego rurafasha mu bikorwa vyo gutabara mu gihe habaye ivyaduka n'impanuka.

**Ingingo ya 16 :**

Urwego FDNB rurunganira mw'iterambere ry'igihugu mu bikorwa bininibinini vyerekeye ineza ya bose, ivy'ukugwiza umwimbu n'ivyo ugutanga inyigisho.

**Ingingo ya 17 :**

Urwego FDNB, rufadikanije n'abandi bafashanya n'igihugu mu vyerekeye umutekano, ruragira uruhara mu bikorwa vy'ukurwanya iterabwoba, urudandazwa rutemewe n'amategeko rw'ibirwanisho n'irwirirana ry'ibirwanisho. Urwo rwego rurafasha kandi mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro, bihagarikiwe n'Ishirahamwe mpuzamakungu "ONU", Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika, Amashirahamwe y'ibihugu vyo mu karere Uburundi burimwo n'Amashirahamwe y'ibihugu vyo mu gace k'akarere Uburundi buherereyemwo.

La FDNB peut intervenir dans le cadre de la coopération bilatérale et multilatérale.

Urwego FDNB rurashobora kugira uruhara mu vyerekeye ugufashanya kw'Uburundi n'ikindi gihugu hamwe n'Amashirahamwe mpuzamakungu.

## CHAPITRE III : DE L'ORGANISATION

## IGICE CA III : INGENE URWEGO RW'UKWIVUNA ABANSI RW'UBURUNDI RUTUNGANIJWE

### Section 1 : L'organisation des Services Centraux de l'Etat-Major Général et des Composantes de la FDNB

### Agace ka 1 : Itunganywa ry'ibisata vy'Ibiro bikuru vy'Urwego FDNB hamwe n'imice y'abasirikare bagize urwo Rwego.

**Article 18 :**

La FDNB est organisée de manière à garantir l'unité en son sein, la loyauté, la discipline, la neutralité politique de ses membres ainsi que l'impartialité dans l'accomplissement de ses missions.

**Ingingo ya 18 :**

Urwego FDNB rutunganijwe ku buryo abarugize bagumana ubumwe, ubugororotsi, inyifato ibereye, batagira aho bahengamira mu vya poritike hamwe no gucisha aho ukuri kuri mu kurangura imirimo bajejwe.

**Article 19 :**

La FDNB est placée sous le commandement direct d'une haute autorité militaire ci-après dénommée Chef de la Force de Défense Nationale du Burundi « C/FDNB » en sigle.

**Ingingo ya 19 :**

Urwego FDNB rurongorwa n'umutegetsi mukuru mu gisirikare muri iri bwirizwa yiswe umukuru w'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa"C/ FDNB".

**Article 20 :**

Le C/FDNB est assisté, dans l'exercice de ses fonctions par un Chef Adjoint de la Force de Défense Nationale du Burundi « **CA/FDNB** » en sigle.

**Ingingo ya 20 :**

Umukuru w'Urwego FDNB, mukurangura amabanga ajejwe afashwa n'icegera c'Umukuru w'Urwego FDNB, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa" **CA/FDNB**".

**Article 21 :**

Pour accomplir ses missions, la FDNB dispose d'un Etat-Major Général de la Force de Défense Nationale du Burundi « EMG/FDNB » en sigle.

**Ingingo ya 21 :**

Kugira ngo rurangure imirimo rujejwe, Urwego FDNB rurafise Ibiro bikuru vy'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa "EMG/FDNB".

**Article 22 :**

La taille, la posture et la structure de la FDNB sont déterminées par le Décret sur proposition du Ministre ayant la Défense Nationale dans ses attributions suivant les critères ci-après :

- les menaces potentielles intérieures et extérieures du pays ;
- la politique de Défense Nationale et la doctrine militaire du pays ;
- les moyens économiques et financiers du pays ;
- le budget alloué à la FDNB.

**Ingingo ya 22 :**

Uko abagize Urwego FDNB bangana, ubushobozi bw'urwo Rwego mu kwivuna abansi n'uko ruringanijwe bitomorwa na Reta bishikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ukwivuna abansi afatiye kuri ibi bikurikira:

- ibishobora kubangamira igihugu umwanya uwo ari wo wose bivuye mu gihugu canke hanze y'igihugu;
- poritike y'igihugu yerekeye ukwivuna abansi n'inyigisho z'ubuhinga bw'igisirikare c'Uburundi;
- uburyo igihugu gifise mu vyerekeye amatungo n'amafaranga ;
- amafaranga Reta itegekanirizwa ku mwaka Urwego rw'ukwivuna abansi.

**Article 23 :**

La FDNB est structurée en une organisation comprenant les Services Centraux de l'EMG/FDNB ainsi que les Composantes à savoir la Force Terrestre, la Force de la Marine, la Force Aérienne et des Unités Spécialisées.

**Ingingo ya 23 :**

Urwego FDNB ruringanijwe ku buryo rubamwo ibisata vyo mu Biro bikuru vy'Urwego EMG/FDNB hamwe n'imice igize urwo Rwego: ni ukuvuga abasirikare barwanira hasi, abasirikare barwanira mu mazi, abasirikare barwanira mu kirere n'iyindi mice y'abasirikare ifise imirimo yisangije.

**Article 24 :**

Les Bureaux du C/FDNB et du CA/FDNB comprennent :

- un aide du camp ;
- une cellule des conseillers ;
- une cellule d'appui technique ;
- un secrétariat.

**Article 25 :**

L'Etat-Major Général de la FDNB comprend notamment :

- le Service chargé de l'administration et la gestion du personnel « G1 » en sigle ;
- le Service chargé du renseignement militaire « G2 » en sigle ;
- le Service chargé de l'instruction, de l'entraînement et des opérations « G3 » en sigle ;
- le Service chargé de la logistique « G4 » en sigle ;
- le Service chargé de la planification « G5 » ;
- le Service chargé des systèmes d'information et des communications « G6 » en sigle ;
- le Service chargé de la formation « G7 » en sigle ;

**Ingingo ya 24 :**

Ibiro vy'Umukuru w'Urwego FDNB n'ivy'Icegera c'Umukuru w'Urwego FDNB birimwo :

- umwishikira w'Umukuru w'Urwego FDNB canke uw'icegera c'Umukuru w'Urwego FDNB;
- ibiro vy'abahanuzi;
- ibiro vy'abafasha mu vyerekeye ubuhinga ;
- ibiro vy'umunyamabanga.

**Ingingo ya 25 :**

Ibiro bikuru vy' Urwego FDNB birimwo :

- igisata kijejwe intwaro n'ugutunganya ivyerekeye abakozi, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G1 »;
- igisata kijejwe igendereza ry'Igisirikare, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G2 »;
- igisata kijejwe ivyerekeye inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G3» ;
- igisata kijejwe ibikoresho, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G4» ;
- igisata kijejwe ugutegura imigambi, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G5 »;
- igisata kijejwe uburyo bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G6 »;
- igisata kijejwe inyigisho, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G7 »;

- le Service chargé du budget et des finances « G8 » en sigle ;
- le Service chargé du moral des militaires et des relations publiques « G9 » en sigle ;
- le Service de santé ;
- les juridictions militaires et le ministère public près les juridictions militaires ;
- le Service de l'aumônerie militaire.

- igisata kijejwe ivyerekeye amafaranga ategekanijwe gukoreshwa hamwe n'ikigega, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G8 » ;
- igisata kijejwe ukuremesha abasirikare n'imigenderanire, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « G9»;
- igisata kijejwe amagara y'abantu;
- sentare za gisirikare n'ubushikirizamanza bukukira sentare za gisirikare ;
- igisata kijejwe ivyerekeye abibutsamana mu gisirikare.

**Article 26 :**

Le Service chargé de l'administration et de la gestion du personnel comprend notamment :

- le Bureau de l'administration et la gestion du personnel ;
- le Bureau des traitements ;
- le Bureau de la protection sociale ;
- le Bureau du genre ;
- le Bureau d'archivage.

**Ingingo ya 26 :**

Igisata kijejwe intwaro n'ugutunganya ivyerekeye abakozi kirimwo:

- ibiro bijejwe intwaro n'ugutunganya ivyerekeye abakozi;
- ibiro bijejwe ivyerekeye imishahara;
- ibiro bijejwe uguteganiriza kazoza abakozi;
- ibiro bijejwe ukudakumira hafatiwe ku gitsina;
- ibiro bijejwe ugushingura inzandiko.

**Article 27 :**

Le Service chargé du renseignement militaire comprend notamment :

- le Bureau de recherche et collecte ;
- le Bureau de lutte contre le terrorisme et la cybercriminalité ;
- le Bureau de contre-renseignement ;
- le Bureau de sûreté militaire ;
- le bureau de la coopération de défense ;
- le Bureau d'analyse et production.

**Ingingo ya 27 :**

Igisata kijejwe igendereza ry'igisirikare kirimwo:

- ibiro bijejwe ukurondera n'ugutororokanya inkuru;
- ibiro bijejwe ukurwanya iterabwoba n'ivyaha bikorwa biciye mu ngurukana-bumenyi;
- ibiro bijejwe guhangana n'ibishobora gushika vyagenderejwe;
- ibiro bijejwe igendereza ry'igisirikare;
- ibiro bijejwe ugufashanya mu bijanye n'ukwivuna abansi;
- ibiro bijejwe kwihweza inkuru zavuye mu kugendereza no gushikiriza ababijejwe ivyavuyemwo.

**Article 28 :**

Le Service chargé de l'instruction, de l'entraînement et des opérations comprend notamment :

- le Bureau des plans et opérations ;
- le Bureau de l'entraînement physique et sport ;
- le Bureau de l'instruction, de l'entrainement et du suivi des réservistes ;
- le Bureau des missions de maintien de la paix.

**Ingingo ya 28 :**

Igisata kijejwe ivyerekeye inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ibikorwa bijanye n'ukurwana kirimwo:

- ibiro bijejwe indinganizo y'ibikorwa bijanye n'ukurwana hamwe n'ishirwa mu ngiro yavyo;
- ibiro bijejwe ukwinonora imitsi n'inkino;
- ibiro bijejwe inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ugukurikirana abashobora gutumwako gufasha mu vya gisirikare;
- ibiro bijejwe ivyerekeye abarungikwa kugarukana amahoro.

**Article 29 :**

Le Service logistique comprend notamment les bureaux, les unités d'appui et les unités de production :

**a) les Bureaux :**

- le Bureau du génie ;
- le Bureau des approvisionnements ;
- le Bureau des vivres ;
- le Bureau d'habillement et équipements ;
- le Bureau d'armement, munitions et matériels optiques ;
- le Bureau du transport ;

**b) les unités d'appui logistique :**

- La Brigade Logistique de la FDNB ;
- Le Groupement de Maintenance Automobile et des Equipements Militaires.

**c) les unités de production :**

- Unité Génie Travaux
- Mess des Officiers Garnison Bujumbura « MOGB » en sigle
- Magasin Militaire « MAMI » en sigle ;
- Les Infrastructures hôtelières militaires

**Ingingo ya 29 :**

Igisata kijejwe ibikoresho kirimwo ibiro bitandukanye, imigwi ifasha mu bikorwa bimwe bimwe vy'igisirikare n'ibindi bishobora kwinjiza amafaranga:

**a) Ibiro :**

- ibiro bijejwe ivyerekeye ukwubaka;
- ibiro bijejwe ukurondera ibikoresho;
- ibiro bijejwe ibifungurwa;
- ibiro bijejwe ivyerekeye imyambaro n'ibikoresho;
- ibiro bijejwe ibirwanisho, amasasu n'ibindi birasishwa hamwe n'ibikoresho bifasha mu kubona kure no mu gukingira amaso;
- ibiro bijejwe ivyerekeye ukwunguruza abasirikare n'ibintu ;

**b) imigwi ifasha mu vyerekeye ibikoresho nka :**

- Birigade ijejwe ibikoresho vya FDNB;
- Umugwi ujejwe ukubungabunga imiduga n'ibikoresho vy'igisirikare

**c) imigwi ikora ibishobora kwinjiza amafaranga ni :**

- Umugwi ujejwe ibikorwa vy'ukwubaka,
- Ubunywero bw'intwanzangabo bw'i Bujumbura, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa "MOGB";
- Imangazini y'igisirikare, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa "MAMI";
- Inyubakwa z'amahoteri y'igisirikare.

**Article 30 :**

Le Service de la planification comprend notamment :

- le Bureau d'études et de la planification ;
- le Bureau des statistiques et suivi-évaluation ;
- le Bureau de la production et de la documentation.

**Ingingo ya 30 :**

Igisata kijejwe ugutegura imigambi kirimwo:

- ibiro bijejwe ivyigwa n'ugutegura imigambi;
- ibiro bijejwe gutororokanya ibiharuro hamwe n'ugukurikirana n'ugusuzuma ibirangurwa;
- ibiro bijejwe gusohora n'ugushingura ivyanditswe.

**Article 31 :**

Le Service des systèmes d'information et des communications comprend notamment :

- le Bureau des technologies de l'information et des communications ;
- le Bureau des transmissions.

**Ingingo ya 31 :**

Igisata kijejwe uburyo bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru kirimwo:

- ibiro bijejwe ubuhinga bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru;
- ibiro bijejwe ugutumatumanako.

**Article 32 :**

Le Service de la formation comprend notamment les bureaux et les unités de formation :

**a) les bureaux :**

- le Bureau de la formation de base ;
- le Bureau de la formation supérieure et spécialisée ;
- le Bureau de formation et stage à l'étranger ;

**Ingingo ya 32 :**

Igisata kijejwe inyigisho kirimwo ibiro hamwe n'amashure n'ibigo bitangirwamwo inyigisho:

**a) Ibiro** :

- ibiro bijejwe inyigisho shimikiro;
- ibiro bijejwe inyigisho za kaminuza n'izerekeye ukunonosora ubuhinga kanaka;
- ibiro bijejwe inyigisho n'ugukarisha ubwenge bibera mu mahanga;

**b) les unités de formation :**

- Ecole Supérieure de Commandement et d'Etat-major ;
- Institut Supérieur des Cadres Militaires « ISCAM » en sigle ;
- Ecole Militaire des Métiers « EMM » en sigle ;
- Ecole Paramédicale Militaire « EPMM » en sigle ;
- Ecole des Sous-Officiers « ESO » en sigle ;
- Centre d'Instruction « CI » en sigle.

**b) amashure n'ibigo bitangirwamwo inyigisho :**

- Ishure kaminuza ry'ugutwara n'ugutunganya ivyerekeye ingabo;
- Ishure kaminuza ry'intwanzangabo mu ntwaramiheto mu mpfunyapfunyo y'igifaransa"ISCAM";
- Ishure ry'imyuga ry'igisirikare, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa"EMM";
- Ishure ry'ubuvuzi ry'igisirikare, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa "EPMM";
- Ishure ry'ibisongerezi vy'intwanzangabo, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa "ESO";
- Ikigo c'inyigisho z'igisirikare.

**Article 33 :**

Le Service budget et finances comprend notamment :

- le Bureau chargé du budget ;
- le Bureau chargé des finances ;
- le Bureau chargé de l'audit interne.

**Ingingo ya 33 :**

Igisata kijejwe ivyerekeye amafaranga ategekanijwe gukoreshwa hamwe n'ikigega kirimwo:

- ibiro bijejwe ivyerekeye amafaranga ategekanywa gukoreshwa;
- ibiro bijejwe ikigega;
- ibiro vy'Urwego FDNB bijejwe kugira isuzuma ry'ikigega.

**Article 34 :**

Le Service du moral des militaires et des relations publiques comprend notamment :

- le Bureau chargé de la communication ;
- le Bureau chargé du moral des militaires ;
- le Bureau chargé des relations publiques ;
- le Bureau chargé de la reconversion socio professionnelle.

**Ingingo ya 34 :**

Igisata kijejwe ukuremesha abasirikare n'imigenderanire kirimwo:

- ibiro bijejwe uguhanahana amakuru;
- ibiro bijejwe ukuremesha abasirikare;
- ibiro bijejwe imigenderanire ;
- ibiro bijejwe ugutegura abasirikare mu myuga izobafasha mu buzima busanzwe.

**Article 35 :**

Le Service de santé comprend notamment :

- le Bureau des soins médicaux, de la prise en charge du VIH/SIDA et d'information médicale et relations publiques ;
- le Bureau de prise en charge psychosociale ;
- le Bureau de suivi et de la gestion des produits pharmaceutiques.

**Ingingo ya 35 :**

Igisata kijejwe amagara y'abantu kirimwo:

- ibiro bijejwe ukuvura, ukwitaho abegendana umugera wa SIDA n'ukumenyesha ivyerekeye ubuvuzi n'imigenderanire n'abandi bantu;
- iIbiro bijejwe kwitaho abafise ingorane zijanye n'inyifato mu kibano;
- ibiro bijejwe ugukurikirana n'ugutunganya ivyerekeye imiti.

**Article 36 :**

La Force terrestre comprend notamment :

- un Etat-Major ;
- des Divisions ;
- des Brigades d'armes d'appui ;
- un Bataillon génie de combat ;

**Ingingo ya 36 :**

Umuce w'Urwego FDNB w'Abasirikare barwanira hasi ugizwe na:

- ibiro bikuru vyawo;
- amadiviziyo;
- amabirigade akoresha ibirwanisho ruremeshangabo;
- ibatayo karuhariwe mu kurwanira hasi ;

- un Centre de formation aux Opérations de Maintien de la Paix, « OMP » en sigle.

**Article 37 :**

Un décret fixe l'organisation ainsi que la circonscription territoriale des divisions.

**Article 38 :**

La Force Aérienne comprend :

- un Etat-Major ;
- les Escadrilles ;
- une Unité d'infanterie ;
- une Ecole de spécialisation de l'aviation.

**Article 39 :**

La Force de la Marine comprend :

- un Etat-Major ;
- une Flotte Lacustre ;
- un Bataillon d'infanterie lacustre ;
- une Ecole de spécialisation de la marine.

- ikigo c'ukwigisha abasirikare baja mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro, OMP mu mpfunyapfunyo y'igifaransa.

**Ingingo ya 37 :**

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu ni ryo ritunganya rikongera rikerekana uturere amadiviziyo ajejwe.

**Ingingo ya 38 :**

Umuce w'Urwego FDNB w'abasirikare barwanira mu kirere ugizwe na:

- ibiro bikuru vyawo;
- imigwi y'abasirikare barwanira mu kirere ;
- umugwi w'abasirikare barwanira hasi;
- ishure ryigisha ivyerekeye ugutwara indege.

**Ingingo ya 39 :**

Umuce w'Urwego FDNB w'abasirikare barwanira mu mazi ugizwe na:

- ibiro bikuru vyawo;
- umugwi w'abasirikare bakoresha ubwato ;
- ibatayo y'abasirikare barwanira hasi no mu mazi;
- ishure ryigisha ivyerekeye ukurwanira mu mazi.

**Article 40 :**

Lcs Unités spécialisées sont :

- la Brigade Spéciale de Protection des Institutions « BSPI » en sigle ;
- la Police Militaire « PM » en sigle ;
- le Quartier Général «QG » en sigle.

**Ingingo ya 40 :**

Imice y'urwego FDNB ifise imirimo yisangije ni:

- ibirigade ijejwe gukinglra inzego, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « BSPI » ;
- igiporisi c'igisirikare, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa« PM » ;
- icicaro gikuru, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa « QG ».

**Section 2 : Des attributions des services de l'EMG/FDNB**

**Agace ka 2 : Imirimo y'ibisata vya EMG/FDNB**

**Article 41 :**

Le service chargé de l'administration et de la gestion du personnel a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière du personnel ;
- élaborer les directives de l'EMG/FDNB en matière du personnel ;
- fournir du personnel apte à l'ensemble des unités et services de la FDNB ;
- tenir la situation journalière des effectifs ;
- planifier et suivre le mouvement du personnel ;
- tenir en collaboration avec les responsables des opérations, l'ordre de bataille de chaque unité ;

**Ingingo ya 41 :**

Igisata kijejwe intwaro n'ugutunganya ivyerekeye abakozi kijejwe imirimo nk'iyi ikurikira :

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye abakozi ;
- gutegura intumbero zisungwa za EMG/FDNB mu vyerekeye abakozi;
- gushira abakozi babishoboye mu migwi no mu bisata vyose vya FDNB;
- kwerekana ku munsi ku munsi igitigiri c'abasirikare;
- gutegekanya no gukurikirana ingene abasirikare bahindurirwa aho bakorera ;
- kugira urutonde rw'abasirikare b'umugwi umwumwe wose bifadikanije n'abajejwe ibikorwa bijanye n'ukurwana ;

| | |
|---|---|
| - proposer l'avancement au grade supérieur et l'octroi des distinctions honorifiques ; | - gushikiriza amazina y'aboduzwa amapete n'abohabwa ibidari; |
| - gérer le contentieux lié aux membres de la FDNB ; | - gutorera inyishu amatati yadutse hagati y'abagize Urwego FDNB; |
| - gérer la carrière des membres de la FDNB ; | - gutunganya ibijanye n'ingene abagize Urwego FDNB batera imbere mu mwuga wabo; |
| - garantir la discipline au sein des membres de la FDNB ; | - gutuma haba inyifato ibereye y'abagize Urwego FDNB; |
| - veiller au respect et à l'exécution des lois et règlements en vigueur ; | - kwitwararika ko amabwirizwa n'amategeko asanzwe kurikizwa yubahirizwa kandi akurikizwa; |
| - planifier et exécuter les recrutements ; | - gutegura no gushira mu ngiro ivyerekeye kwinjiza abavyipfuza mu gisirikare; |
| - assurer le protocole à la FDNB ; | - kwakira abashitsi n'ugutunganya iminsi mikuru mu rwego FDNB; |
| - gérer les espaces de l'EMG/FDNB ; | - gutunganya ibibanza vya EMG/FDNB; |
| - suivre le processus d'indemnisation des militaires décédés ou blessés dans les opérations de maintien de la paix ; | - gukurikira ivyerekeye ugutanga inshumbusho ku basirikare bapfiriye canke bakomerekeye mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro; |
| - proposer la révision du cadre légal de la FDNB ; | - gusaba ko hohindurwa amategeko agenga Urwego FDNB; |
| - administrer les soldes et rémunérations du personnel de la FDNB ; | - gutanga imishahara n'impembo y'abasirikare n'abandi bakozi b'Urwego FDNB; |
| - faire le suivi des boursiers et stagiaires en formation à l'étranger ; | - gukurikirana abaja kwiga no gukarihiriza ubwenge mu mahanga; |

- proposer des mesures visant à promouvoir le bien-être du personnel de la FDNB ;

- gushikiriza ingingo zotuma abasirikare n'abandi bakozi b'Urwego FDNB bamererwa neza gusumba;

- veiller à la sauvegarde des intérêts du personnel de la FDNB auprès des institutions de la sécurité sociale ;

- kwitwararika ko inyungu z'abasirikare n'abandi bakozi b'Urwego FDNB bafise mu mashirahamwe ategekaniriza kazoza zubahirizwa ;

- exécuter le plan sectoriel genre à la FDNB ;

- gushira mu ngiro umugambi w'iterambere ridakumira hafatiwe ku gitsina mu Rwego FDNB;

- sensibiliser la population sur le rôle des femmes dans la FDNB lors du recrutement ;

- mu gihe c'ukwinjiza abavyipfuza mu gisirikare, kwumvisha abanyagihugu akamaro abakenyezi bafise mu rwego FDNB;

- prévenir et combattre les violences basées sur le genre au sein de la FDNB ;
- élaborer des projets de promotion du genre sur aval du commandement ;

- gukinga no kurwanya amabi afatiye ku gutsina mu rwego FDNB;

- gutegura imigambi ishira imbere iterambere ridakumira hafatiwe ku gitsina vyemejwe n'abatwara Urwego FDNB;

- conserver et maintenir l'intégrité des documents administratifs pour garantir les meilleures conditions de préservations des données archivistiques.

- kubika no gutuma inzandiko zerekeye akazi mu Rwego FDNB ziguma uko zirimu ntumbero y'ugutuma ivyatororokanirijwe biguma bishinguwe neza.

**Article 42 :**

Le Service chargé du renseignement militaire a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de renseignement militaire et de coopération de défense ;

**Ingingo ya 42 :**

Igisata kijejwe iperereza ry'Igisirikare gishinzweimirimo nk'iyi ikurikira:

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB muvyerekeye iperereza ry'Igisikare no mugufashanya mu vyerekeye ukwivuna abansi;

- élaborer les directives de l'EMG en matière de renseignement militaire et de coopération de défense ;
- élaborer le plan d'acquisition du renseignement militaire ;
- tenir à jour le dossier de renseignement indispensable à la préparation et à l'exécution des opérations militaires ;
- fournir le renseignement utile pour la prise des décisions opérationnelles ;
- se renseigner sur toute activité pouvant mettre en cause la sécurité nationale ;
- suivre l'évolution de la situation géostratégique du pays et globale dans le monde ;
- participer dans la lutte contre le terrorisme ;
- analyser les informations diffusées par les officiers de liaison attachés aux mécanismes de lutte contre le terrorisme ;
- protéger le patrimoine et les informations militaires ;

- gutegura intumbero zisungwa za EMG muvyerekeye iperereza ry'Igisikare no mugufashanya mu vyerekeye ukwivuna abansi;
- gutegura indinganizo y'ingene igisirikare gitororokanya inkuru zijanye n'iperereza;
- kuja kirashira ku gihe idosiye yerekeye inkuru zikenewe mu gutegura no mu gushira mu ngiro ibikorwa vy'igisirikare;
- gutanga inkuru ngirakamaro kugira hafatwe ingingo zerekeye ibikorwa vy'igisirikare;
- kurondera inkuru ku gikorwa cose gishobora kubangamira umutekano w'igihugu;
- gukurikirana uko igihugu gifatwa kw'isi yose hafatiwe ku ho giherereye n'uko ibintu vyifashe kw'isi yose muri rusangi;
- kugira uruhara mu kurwanya iterabwoba;
- kwihweza inkuru zitangwa n'intwazangabo zikurikiranira hafi ibijanye n'ukurwanya iterabwoba;
- gukingira amatungo n'inkuru zerekeye Igisirikare;

- organiser le renforcement des capacités du personnel de renseignement militaire ;
- élaborer les mesures de sécurité du personnel, des infrastructures et des documents militaires ;
- participer à l'élaboration du plan de défense nationale et des points vitaux ;
- élaborer et gérer le budget de renseignement militaire ;
- participer dans la lutte contre les trafics illicites et la prolifération des armes légères et de petit calibre ;
- promouvoir et animer les relations militaires entre la FDNB et les autres forces de Défense étrangères ;
- coordonner les activités des Officiers de liaison et des attachés de défense déployés à l'étranger pour explorer et exploiter les potentialités de coopération en matière de défense ;
- servir de point focal de la FDNB auprès des attachés de défense accrédités au Burundi ;
- élaborer et exécuter un plan de contre renseignement.

- Gutunganya ibikorwa vy'ukwungura ubumenyi bw'abakozi b'igendereza mu gisirikare ;
- gutegura ingingo zerekeye umutekano w'abakozi, inyubakwa n'inzandiko vya gisirikare ;
- kugira uruhara mu gutegura indinganizo y'ugukingira igihugu n'ibibanza nkoramutima ;
- kugira integuro y'amafaranga ategekanywa gukoreshwa ku mwaka n'iperereza ry'igisirikare hamwe no gutunganya ikoreshwa ryayo;
- kugira uruhara mw'irwanywa ry'urudandazwa rutemewe n'amategeko hamwe n'iry'igwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito;
- guteza imbere no gukomeza imigenderanire y'igisirikare hagati y'Urwego FDNB n'izindi nzego z'ukwivuna abansi zo hanze y'igihugu ;
- gukurikiranira hafi ibikorwa vy'intwanzangabo zarungitswe mu bindi bihugu zishinzwe ivyo guhanahana inkuru n'ivy'abasirikare bakorera mu buserukizi bw'igihugu kugira ngo barabe ibishoboka bijanye n'ugufashanya mu vyerekeye ukwivuna abansi n'ukubikorerako;
- kwakira kw'izina ry'Urwego FDNB ibibazo vy'abasirikare bo mu bindi bihugu bakorera mu buserukizi bw'ibihugu vyabo mu Burundi;
- gutegura no gushira mu ngiro indinganizo y'ibikorwa vyerekeye uguhangana n'ibishobora gushika vyapererejwe.

**Article 43 :**

Le Service chargé de l'instruction, de l'entraînement et des opérations a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de l'instruction, de l'entraînement et des opérations ;
- élaborer les directives de l'EMG en matière de l'instruction, de l'entraînement et des opérations ;
- établir, faire établir les dossiers de défense du pays et en assurer la mise à jour ;
- faire une étude permanente de l'organisation, de l'implantation des unités et proposer les modifications éventuelles ;
- proposer au C/FDNB les directives opérationnelles ;
- préparer les projets de plan des opérations futures ;
- coordonner et contrôler les opérations des Composantes de la FDNB (Terre, Aviation et Marine) ;
- préparer les orientations d'instruction, les exercices en campagne et les manœuvres ;

**Ingingo ya 43 :**

Igisata kijejwe ivyerekeye inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ibikorwa bijanye n'ukurwana gishinzwe imirimo nk'iyi ikurikira:

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ibikorwa bijanye n'ukurwana;
- gutegura intumbero zisungwa za EMG mu vyerekeye inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ibikorwa bijanye n'ukurwana;
- gutegura, gutuma hategurwa amadosiye y'ugukingira igihugu no kuja kirayashira ku gihe;
- kwama kigira ivyigwa vyerekeye iringanizwa ry'imigwi y'abasirikare bajejwe imirimo kanaka, aho ishirwa n'ugushikiriza ivyoshobora guhindurwa;
- gushikiriza C/FDNB intumbero zokwisungwa mu kurangura ibikorwa ;
- kugira integuro y'indinganizo y'ibikorwa bizokurikira;
- gukurikirana n'ugusuzuma ibikorwa vy'imice igize Urwego FDNB (abarwanira hasi, mu kirere no mu mazi) ;
- gutegura intumbero z'inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo mu mitumba n'imyimenyerezo yo kurwana;

| | |
|---|---|
| - proposer les terrains d'exercice ; | - gushikiriza mu rwandiko ibibuga vyogirirwako imyimenyerezo ; |
| - organiser et contrôler l'instruction et l'entraînement des unités spécialisées ; | - gutunganya no gusuzuma inyigisho z'igisirikare hamwe n'imyimenyerezo y'imigwi y'abasirikare ifise imirimo yisangije; |
| - préparer la FDNB aux exercices d'entraînement militaires et aux activités sportives et culturelles au niveau international ; | - gutegura Urwego FDNB ku myimenyerezo ya gisirikare, ibikorwa vyerekeye inkino n'ivyerekeye imico ndangakaranga ku rwego mpuzamakungu ; |
| - élaborer la doctrine d'entraînement physique militaire ; | - gutegura inyigisho z'abahinga zerekeye imyimenyerezo ya gisirikare y'ukwinonora imitsi ; |
| - participer aux activités sportives organisées par les fédérations nationales et internationales ; | - kugira uruhara mu bikorwa vyerekeye inkino bitunganywa n'Amashirahamwe y'inkino ku rwego rw'Igihugu na mpuzamakungu ; |
| - proposer un plan d'acquisition des infrastructures sportives militaires ; | - gushikiriza indinganizo y'ingene hoboneka ivyubakwa bijanye n'inkino z'igisirikare ; |
| - gérer le matériel et les infrastructures sportifs militaires ; | - gutunganya ikoreshwa ry'ibikoresho n'inyubakwa bijanye n'inkino z'igisirikare ; |
| - élaborer le plan d'approvisionnement de l'équipement de l'entraînement physique et sportif ; | - kugira indinganizo y'ingene hoboneka ibikoresho bijanye n'ukwimenyereza mu kwinonora imitsi hamwe n'inkino ; |
| - participer à la coordination de la formation et de l'entraînement de pré-déploiement aux OMP ; | - kugira uruhara mu gukurikiranira hafi ibijanye n'inyigisho n'ukumenyereza abitegurira kuja mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro ; |

- planifier et exécuter les déploiements et redéploiements ;

- kugira indiganizo y'abasirikare baja mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro n'iy'abasubirira abavuyeyo n'ukuzishira mu ngiro ;

- proposer un plan d'acquisition des équipements et pièces de rechange pour les contingents à déployer et en missions ;

- gushikiriza integuro y'ingene hoboneka ibikoresho n'ivyuma bisubirira ivyashaje bihabwa inteko zirunglkwa hanze hamwe n'izisanzweyo ;

- faire un suivi des mouvements du personnel en OMP ;

- gukurikirana ingene abasirikare n'abandi bakozi baja bararungikwa mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro ;

- participer à la promotion d'un partenariat solide dans le domaine des OMP ;

- kugira uruhara mu guteza imbere ugufashanya mu bijanye n'ibikorwa vy'ukugarukana amahoro;

- proposer les projets et révisions éventuelles de mémorandums d'entente (MOU= Memorandum Of Understanding) et en assurer le suivi ;

- gushikiriza integuro y'amasezerano y'umwumvikano n'iy'ukuyasubiramwo bikenewe (MOU) hamwe n'ukuyakurikirana;

- faire un suivi permanent du remboursement des équipements des contingents burundais en OMP ;

- kwama gikurikirana ivyerekeye isubizwa ry'amafaranga yaguzwe ibikoresho vy'inteko z'abarundi ziri mu bikorwa vyo kugarukana amahoro ;

- faire un suivi du contentieux lié aux militaires en OMP ;

- gukurikirana ivyerekeye amatati ajanye n'abasirikare bari mu bikorwa vyo kugarukana amahoro ;

- veiller à la vulgarisation et au respect du code de conduite du personnel en OMP par les contingents de la FDNB ;

- kwitwararika ko amategeko yerekeye inyifato y'abasirikare n'abandi bakozi bari mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro amenyekana n'uko inteko z'urwego FDNB ziyubahiriza;

- former et encadrer le personnel de réserve.

**Article 44 :**

Le Service chargé de la logistique a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de la logistique ;
- élaborer les directives de l'EMG/FDNB en matière de la logistique ;
- élaborer les plans d'approvisionnement logistique ;
- participer à l'élaboration du budget de la FDNB ;
- assurer la maintenance du matériel et équipements militaires ;
- assurer le soutien logistique des unités et services ;
- gérer le matériel et les équipements militaires ;
- commander et administrer les unités sous sa responsabilité ;
- participer aux activités de passation des marchés publics et en assurer le suivi quant au respect des normes légales et réglementaires ;

- kwigisha no gukurikirana Umugwi w'abashobora gutumwako gufasha mu vy'ukurwanya umwansi.

**Ingingo ya 44 :**

Igisata kijejwe ibikoresho kijejwe imirimo nk'iyi :

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye ibikoresho ;
- gutegura intumbero zisungwa za EMG/FDNB mu vyerekeye ibikoresho;
- kugira indinganizo y'ingene hoboneka ibikoresho;
- kugira uruhara mw'itegurwa ry'amafaranga ategekanywa gukoreshwa ku mwaka n'Urwego FDNB ;
- kubungabunga ibikoresho vyose vy'igisirikare;
- kuronsa imigwi n'Ibisata vy'Urwego FDNB ibikoresho bikenewe n'ukubikurikirana;
- gutunganya ivyerekeye itangwa ry'ibikoresho vy'igisirikare;
- gutegeka no gutwara imigwi kijejwe ;
- kugira uruhara mu bikorwa vy'ugutanga amasoko ya Reta no gukurikirana ivyo bikorwa mu vyerekeye iyubahirizwa ry'amabwirizwa n'amategeko ;

- veiller à l'entretien et à la protection des infrastructures militaires ;

- suivre la consommation de l'eau et de l'électricité ;

- suivre la conservation et l'utilisation des mines et explosifs du génie des travaux ;

- participer aux missions de secours et d'assistance en cas de catastrophes ;

- entreprendre des activités de production.

**Article 45 :**

Le Service chargé de la planification a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de la planification et des statistiques ;

- élaborer les directives de l'EMG en matière de la planification et des statistiques ;

- mener des réflexions sur des sujets intéressant la FDNB ;

- élaborer les projets de révision du cadre légal et du plan d'action de la FDNB ;

- kwitwararika ko ivyubatswe vy'igisirikare bibungabungwa kandi bigakingirwa ;

- gukurikirana ikoreshwa ry'amazi n'umuyagankuba;

- gukurikirana ishingurwa n'ikoreshwa ry'imine n'ibindi biturika bikoreshwa n'umugwi ujejwe ibikorwa vy'ukwubaka;

- kugira uruhara mu bikorwa vy'ugutabara n'ugufasha mu bihe vy'impanuka ;

- kurangura ibikorwa bishobora kwinjiza amafaranga.

**Ingingo ya 45 :**

Igisata kijejwe gutegura imigambi gishinzwe imirimo nk'iyi :

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye ugutegura imigambi n'ugutororokanya ibiharuro;

- gutegura intumbero zisungwa za EMG, 'ibiro bikuru vya gisirikare mu vyerekeye ugutegura imigambi, n'ugutororokanya ibiharuro ;
- kugira ivyigwa ku bibazo vyerekeye Urwego FDNB ;

- kugira integuro y'ugusubiramwo amategeko n'iy'indinganizo y'ibikorwa vy'Urwego FDNB ;

- planifier et organiser le renforcement des capacités en planification ;

- faire le suivi de l'exécution des activités de la FDNB et en évaluer le résultat ;

- analyser et interpréter les écarts entre les prévisions et les réalisations et proposer des actions à mener pour atteindre les objectifs fixés ;

- capitaliser les expériences acquises en matière de planification ;

- rendre disponible les règlements militaires, les manuels de procédure ainsi que d'autres textes de loi utiles à la FDNB ;

- organiser la conservation et l'archivage des documents militaires et des données statistiques de la FDNB ;

- organiser le renforcement des capacités du personnel de gestion des archives ;

- collecter, traiter, analyser et diffuser les données statistiques nécessaires à l'élaboration, au suivi et à l'évaluation des stratégies de développement dans tous les domaines de la FDNB ;

- gutegura no gutunganya ivyerekeye ukwungura ubumenyi n'ubushobozi mu vyerekeye ugutegura imigambi;

- gukurikirana irangurwa ry'ibikorwa vy'Urwego FDNB no gusuzuma ivyashitsweko;

- kwihweza n'ugusigura ubudasa buri hagati y'ivyategekanijwe kurangurwa n'ivyaranguwe hamwe no gushikiriza ibikorwa vyorangurwa kugira hashikwe ku mahangiro yashinzwe;

- gukoresha ubumenyi n'ubushobozi bagiye bararonka mu vyerekeye ugutegekanya imigambi;

- gutuma hashobora kuboneka amategeko y'igisirikare, ibitabu birimwo ibikurikizwa mu gisirikare n'ayandi mategeko ngirakamaro mu Rwego FDNB;

- gutunganya ibungabungwa n'ishingurwa ry'inzandiko z'igisirikare hamwe n'ibiharuro vy'ibitororokanywa vyerekeye Urwego FDNB ;

- gutunganya ibijanye n'ukwungura ubumenyi n'ubushobozi bw'abakozi bajejwe ivyerekeye ugushingura inzandiko ;

- gutororokanya, gutondeka neza, kwihweza no kumenyesha ibiharuro vy'ivyatororokanijwe bikenewe mu vyerekeye ugutegura, ugukurikirana n'ugusuzuma imigambi irashe y'iterambere muri ivyo vyose vyerekeye Urwego FDNB ;

- mettre en application des méthodes, concepts, définitions, normes, classification et nomenclatures approuvés par le conseil national de l'information statistique ;

- gukoresha ubuhinga, ivyiyumviro ngenderwako, insiguro z'amajambo, ibitegerezwa kwisungwa, ishirwa ry'ibintu mu migwi hamwe n'uko ibintu vyitwa vyemejwe n'Inama y'Igihugu ijejwe kumenyesha ibiharuro vy'ibitororokanywa ;

- collaborer avec l'Institut des Statistiques et d'Etudes Economiques du Burundi (ISTEEBU) en matière de production des données statistiques et de leur conservation.

- gukorana n'Igisata c'Igihugu kijejwe itororokanywa ry'ibiharuro hamwe n'ivyigwa vyerekeye ubutunzi n'Igisata c'Igihugu kijejwe itororokanywa ry'ibiharuro n'ivyigwa vyerekeye ubutunzi (ISTEEBU) mu bijanye n'ugusohora ibiharuro vy'ivyatororokanijwe hamwe n'ukubishingura.

**Article 46 :**

Le Service des systèmes d'information et des communications a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière des systèmes d'information et des communications ;
- élaborer les directives de l'EMG en matière des systèmes d'information et des communications ;
- concevoir un plan directeur d'informatisation et des transmissions de la FDNB ;

**Ingingo ya 46 :**

Igisata kijejwe uburyo bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru gishinzwe imirimo nk'iyi:

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye uburyo bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru;
- gutegura intumbero za EMG mu vyerekeye uburyo bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru ;
- gutegura umugambi ntunganyabikorwa ngenderwako werekeye ugukoresha ubuhinga bw'imashini nyabwonko n'ivy'ugutumatumanako mu Rwego FDNB ;

| | |
|---|---|
| - concevoir des systèmes informatiques associant la grande fiabilité, les distances considérables et la haute performance ; | - kugira integuro y'ugukoresha ubuhinga bw'imashini nyabwonko bushobora kwizigirwa, gutuma ibirungikwa bishobora gushika kure cane kandi bugakora neza cane; |
| - coordonner les activités des systèmes des technologies d'information et de communication « TIC » en sigle au sein de la FDNB ; | - gukurikiranira hafi ibikorwa bijanye n'Ubuhinga bwa nonebw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru, "TIC" mu mpfunyapfuyo y'igifaransa mu rwego FDNB; |
| - Fournir les spécifications techniques et logiques des matières et applications à acquérir ; | - gushikiriza ibiranga ubuhinga bw'ibikoresho n'ibindi bituma imashini nyabwonko zikorahamwe n'amaporogarame y'imashini nyabwonko vyo kuronderwa; |
| - planifier la formation des utilisateurs des matériels et applications à acquérir ; | - gutegekanya inyigisho z'abakoresha ibikoresho n'amaporogarame bikenewe kuronderwa ; |
| - gérer le matériel et équipement des transmissions et TIC ; | - gutunganya neza ikoreshwa ry'ibikoresho vy'ugutumatumanako n'ivyerekeye ubuhinga bwa none bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru; |
| - assurer la liaison permanentepar moyens HF (High frequency : haute fréquence), VHF (Very high frequency : Très haute fréquence) et la liaison téléphonique ; | - gutuma hama haboneka imihora y'ugutumatumanako hakoreshejwe imirongo yo hejuru (HF), iyo hejuru cane (VHF) hamwe n'imirongo ya terefone; |
| - assurer la maintenance des équipementsdes transmissions et TIC ; | - kubungabunga ibikoresho vy'ugutumatumanako mu buhinga bwa none bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru; |
| - mettre à jour le dictionnaire codique. | - gushira ku gihe kazinduzi y'amajambo canke imvugo bipfinditse bikoreshwa. |

**Article 47 :**

Le Service de la formation a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de la formation ;
- élaborer les directives de l'EMG en matière de la formation ;
- élaborer un plan d'action de formation ;
- mener une étude sur l'état des besoins en formation pour la FDNB ;
- administrer et commander les unités de la formation ;
- participer à l'exécution des plans de recrutement ;
- définir les niveaux de formation au recrutement pour élaborer les programmes de formation ;
- définir les critères de recrutement et établir les besoins en personnel instructeur ;
- faire un suivi-évaluation de la formation ;
- harmoniser les programmes de formation avec ceux de la Communauté Est Africaine ;
- établir les besoins en formation à l'étranger;

**Ingingo ya 47 :**

Igisata kijejwe inyigisho gishinzwe imirimo nk'iyi:

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye inyigisho;
- gutegura intumbero zisungwa za EMG mu vyerekeye inyigisho ;
- gutegura indinganizo y'ivyerekeye inyigisho ;
- kugira icirwa ku bikenewe mu vyerekeye inyigisho zotangwa mu Rwego FDNB ;
- gutwara no gutegeka imigwi ijejwe inyigisho ;
- kugira uruhara mw'ishirwa mungiro ry'indinganizo z'ukwinjiza abashasha mu gisirikare;
- gutomora neza urugero rw'amashure abipfuza kwinjira mu gisirikare bategerezwa kuba bafise kugira hategurwe inyigisho zitegekanywa gutangwa;
- gutomora ivyisungwa mukwinjiza abasirikare bashasha no kugira integuro y'ibikenewe mu bijanye n'abatanga inyigisho;
- gukurikiranano gusuzuma ingene inyigisho zitangwa;
- kuroranisha indinganizo z'inyigisho zitangwa mu Burundi n'izo mw'Ishirahamwe ry'ibihugu vya Afrika yo mu Buseruko;
- kugira integuro yerekeye ibikenewe kwigirwa mumahanga;

- organiser la sélection des candidats pour la formation à l'étranger ;

- élaborer le règlement des militaires en formation à l'étranger ;

- assurer le suivi des militaires en formation et stage à l'étranger et proposer les orientations y relatives ;

- établir un plan de suivi et d'évaluation ;

- mettre en œuvre une formation supérieure militaire aux standards de l'EAC ;

- établir le partenariat avec les institutions de formation nationales et internationales.

**Articles 48 :**

Le Service du budget et des finances a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de budget et finances ;

- élaborer les directives de l'EMG/FDNB en matière de budget et finances ;

- gutunganya ingene hatorwa abaja gukurikiranira inyigisho mu mahanga;

- gutegura amategeko agenga abasirikare bakurikiranira inyigisho mumahanga;

- gukurikiranira hafi abasirikare bakurikiranira inyigisho mumahanga n'abakarihirizayo ubwenge hamwe no gushikiriza intumbero zokurikizwa mu kubikora;

- gutegura indinganizo y'ingene bikurikiranwa n'ingene bisuzumwa;

- gushiraho inyigisho za kaminuza mugisirikare zisunga ibikurikizwa mw'Ishirahamwe ry'ibihugu vya Afrika yomubuseruko;

- gutegura umugambi w'ugufashanya hagati y'amashure yo mu gihugu n'ayomu makungu.

**Ingingo ya 48 :**

Igisata kijejwe ivyerekeye amafaranga ategekanijwe gukoreshwa hamwe n'ikigega gishinzwe imirimo nk'iyi:

- gushira mu ngirointumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye amafaranga ategekanijwe gukoreshwa hamwe n'ikigega;

- gutegura intumbero zisungwaza EMG/FDNB mu vyerekeye amafaranga ategekanijwe gukoreshwa hamwe n'ikigega;

- élaborer le projet de budget de la FDNB ;
- exécuter le budget alloué à la FDNB ;
- planifier et gérer la passation des marchés publics et suivre leur exécution ;
- contrôler les procédures des dépenses budgétaires et de passation des marchés publics.

- kugira integuro y'amafaranga ategekanywa gukoreshwa ku mwaka n'Urwego FDNB;
- gutunganya ikoreshwa ry'amafaranga ategekanijwe gukoreshwa ku mwaka agenewe Urwego FDNB;
- gutegura nogutunganya ivyerekeye itangwa ry'amasoko y'Urwego FDNB n'ukubikurikirana;
- gusuzuma ingene amafaranga ategekanirijwe Urwego FDNB akoreshwa n'ingene amasoko y'urwo Rwego atangwa.

**Article 49 :**

Le Service du moral des militaires et des relations publiques a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière du moral des militaires et des relations publiques ;
- élaborer les directives de l'EMG en matière du moral des militaires et des relations publiques ;
- établir un plan de communication et d'information au sein de la FDNB ;
- promouvoir la communication interne et externe ;

**Ingingo ya 49 :**

Igisata kijejwe ukuremesha abasirikare n'imigenderanire gishinzwe imirimo nk'iyi:

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye ukuremesha abasirikare n'imigenderanire n'abandi bantu;
- gutegura intumbero zisungwaza EMG mu vyerekeye ukuremesha abasirikare n'imigenderanire;
- kugira indinganizo y'ingene amakuru ahanahanwa n'ingene amenyeshwa mu Rwego FDNB;
- guteza imbere ibijanye n'uguhanahana amakuru mu Rwego FDNB no hagati y'urwo Rwego n'abandi;

- participera la promotion de l'image de marque de la FDNB ;

- renforcer la cohésion au sein de la FDNB ;

- participer à la gestion du contentieux civilo-militaire ;

- assurer la liaison et la coopération avec les autres partenaires en matière de relations publiques ;

- renforcer la participation de la FDNB aux activités de développement communautaire et de la protection de l'environnement ;

- concevoir des projets modèles de reconversion professionnelle ;

- élaborer le plan de formation sur les activités génératrices de revenus au sein des Unités de la FDNB.

**Article 50 :**

Le service de Santé a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière sanitaire ;

- élaborer les directives de l'EMG/FDNB en matière sanitaire ;

- assurer le soutien médical à la FDNB ;

- coordonner les formations sanitaires militaires ;

- kugira uruhara mugutuma Urwego FDNB rugira ishusho nziza ;

- gutsimbataza ingendo yo gusenyera ku mugozi umwe murwego FDNB ;

- kugira uruhara mu gutorera inyishu amatati yadutse hagati y'abatari abasirikare n'abasirikare ;
- guhuza Urwego FDNB n'abandi bafasha mu vyerekeye imigenderanire n'ugufashanya na bo ;

- gutuma Urwego FDNB rugira uruhara ruboneka mu bikorwa vyerekeye iterambere rusangi no mu gukingira ibidukikije ;

- gutegura imigambi yisungwa yerekeye ukuja mu buzima busanzwe;

- gutegura indinganizo y'inyigisho zerekeye ibikorwa vyinjiza amafaranga mu migwi y'Urwego FDNB.

**Ingingoya 50 :**

Igisata kijejwe ivy'amagara y'abantu gishinzwe imirimo nk'iyi :

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye amagara y'abantu ;
- gutegura intumbero zisungwaza EMG/FDN muvyerekeye amagara y'abantu ;
- gukurikirana ibijanye n'ukuvura mu Rwego FDNB ;
- gukurikiranira hafi inyigisho zerekeye ubuvuzi mugisirikare ;

- participer au maintien de la santé publique ;
- fournir l'expertise médicale du personnel de la FDNB ;
- collaborer avec les autres partenaires de santé tant nationaux qu'internationaux ;
- participer à la formation du personnel médical ;
- prévenir les maladies mentales et la transmission du VIH/SIDA au sein de la FDNB ;
- assurer la prise en charge psychosociale des militaires et leurs familles ;
- établir les besoins en médicaments et en matériels médico-chirurgicaux ;
- assurer la gestion des produits pharmaceutiques et des matériels médico-chirurgicaux ;
- assurer la valorisation des soins médicaux, des produits pharmaceutiques et des matériels médico-chirurgicaux.

**Article 51 :**

- Les juridictions militaires ainsi que le Ministère Public près les mêmes juridictions sont placées sous l'autorité administrative directe du C/FDNB.

- kugira uruhara mw'ibungabungwa ry'amagara y'abantu ;
- kugira isuzuma ry'abahinga muvy'ubuganga ku basirikare n'abandi bakozi b'Urwego FDNB ;
- gukorana n'abandi bafasha muvyerekeye amagara y'abantu baba abo mu gihugu canke abo mu bindi b'ibihugu ;
- kugira uruhara mu nyigisho zihabwa abakozi bo mu gisata c'ubuvuzi;
- gukinga indwara zo mu mutwe n'ikwiragira ry'umugera wa SIDA mu Rwego FDNB ;
- kwitaho abafise ingorane zijanye n'inyifato mu kibano hamwe n'imiryango yabo ;
- kugira integuro y'ibikenewe mu bijanye n'imiti n'ibikoreshwa kwa muganga mu kubaga ;
- gutunganya ikoreshwa ry'imitl n'ibikoresho bikoreshwa kwa muganga mu kubaga ;
- kwerekana igiciro c'ibikorwa vy'ukuvura, imiti n'ibikoresho bikoreshwa kwa muganga mu kubaga.

**Ingingo ya 51 :**

Sentare z'igisirikare n'Ubushikirizamanza bukukira izo sentare bitwarwa na C/FDNB.

**Article 52 :**

Les juridictions militaires comprennent hiérarchiquement la Cour Militaire et les Tribunaux Militaires.

**Article 53 :**

Le Ministère Public près les juridictions militaires comprend hiérarchiquement l'Auditorat Général et les Auditorats Militaires.

**Articles 54 :**

L'organisation, la compétence et le fonctionnement des juridictions militaires ainsi que le ministère public près ces juridictions sont régies par le Code de l'Organisation et de la Compétence des Juridictions Militaires.

**Articles 55 :**

Les Officiers de Police Judiciaire de l'Unité PM sont chargés de mener les enquêtes judiciaires conformément au code de procédure pénale.

**Article 56 :**

Le Service aumônerie militaire a notamment pour missions de :

**Ingingo ya 52 :**

Sentare z'igisirikare zigizwe na Sentare nkuru ya gisirikare na sentare z'intango za gisirikare zigasumbasumbana uko zikurikirana.

**Ingingo ya 53 :**

Ubushikirizamanza bukuklra Sentare z'igisirikare bugizwe na Paraki nkuru ya gisirikare hamwe na Paraki za gisirikare.

**Ingingo ya 54 :**

Ingene sentare za gisirikare n'Ubushikirizamanza buzikukira bitunganijwe, ububasha bwavyo n'ingene bikora bigengwa n'Igitabu c'amategeko aringaniza inzego za gisirikare z'ubutungane n'ububasha bwazo.

**Ingingo ya 55 :**

Inyamiramabi zo mu Giporisi c'igisirikare, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa PM, zijejwe kugira amatohoza y'ivyaha hisunzwe Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa.

**Ingingo ya 56 :**

Igisata kijejwe ivyerekeye ugusenga mu gisirikare gishinzwe imirimo nk'iyi :

- assurer l'encadrement spirituel et moral des membres de la FDNB ;
- assister l'autorité militaire dans sa mission de maintenir le moral et la discipline des troupes ;
- coordonner les activités religieuses et assurer le service du culte.

- gukurikirana abagize Urwego FDNB mu bijanye n'ukwemera n'imico myiza ;
- gufasha ubutegetsi bw'igisirikare mu gikorwa cabwo co gukomeza ukuremesha n'inyifato ibereye y'abasirikare ;
- gukurikiranira hafi ibikorwa bijanye n'amadininogufasha mu bikorwa vyerekeye uguhimbarIza Imana hamwe.

**Section 3 : Des attributions des Composantes de la FDNB**

**Agace ka 3 : Imirimo y'imice y'abasirikare igize Urwego FDNB**

**Article 57 :**

La Force Terrestre a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB ;
- exécuter les directives de l'EMG/FDNB ;
- participerà la sauvegarde de l'intégrité du territoire national terrestre ;
- commander et administrer les unités de la Force Terrestre ;
- coordonner les activités de l'Etat-Major de la Force Terrestre ;
- planifier et coordonner la formation aux OMP ;
- participer dans les opérations humanitaires ;

**Ingingo ya 57 :**

Umuce w'Abasirikare barwanira hasi ushinzwe imirimo nk'iyi :

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB;
- gushira mu ngiro intumbero zisungwa za lEMG/FDNB ;
- kugira uruhara mugukingira imbibe z'igihugu zo hasi;
- gutegeka no gutwara imigwi y'abasirikare barwanira hasi ;
- gukurikiranira hafi ibikorwa vy'Ibiro birongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi ;
- kugira indinganizo y'inyigisho zerekeye ibikorwa vy'ukugarukana amahoro no kuzikurikiranira hafi;
- kugira uruhara mubikorwa vy'ugufasha abanyagihugu mu bihe vy'intambara canke habaye impanuka ;

- participer à la lutte contre le terrorisme, les trafics illicites et la prolifération des armes légères et de petit calibre ;

- participer à la protection de l'environnement.

- kugira uruhara mu bikorwa vy'ukurwanya iterabwoba, urudandaza rutemewe n'amategeko hamwe n'irwirirana ry'ibirwanisho bihwahutse na bitobito ;
- kugira uruhara mu gukingira ibidukikije.

**Article 58 :**

La Force Aérienne a notamment pour missions de :

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de l'aviation ;

- exécuter les directives de l'EMG en matière de l'aviation ;

- participer à la sauvegarde de l'intégrité du territoire national ;

- assurer la suprématie aérienne sur tout le territoire national c'est-à-dire :

  a. interdire à tout ennemi d'infiltrer sur le territoire national ;
  b. rechercher le renseignement par des reconnaissances aériennes sur tout le territoire national ;
  c. assurer le contrôle et la surveillance de l'espace aérien national.

- appuyer les troupes au sol et à la mer ;
- participer dans les opérations de recherche et de sauvetage et autres opérations humanitaires;

**Ingingo ya 58 :**

Umuce w'abasirikare barwanira mu kirere ushinzwe imirimo nk'iyi :

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye indege z'igisirikare ;
- gushira mu ngiro intumbero zisungwa za EMG mu vyerekeye indege z'igisirikare ;
- kugira uruhara mu gukingira imbibe z'Uburundi ;

- gucungera ikirere cose c'igihugu, ni ukuvuga :

  a. kubuza umwansi wese kwinjira ku gataka k'Uburundi;
  b. kugira iperereza biciye mugucungera mu kirere agataka kose k'Uburundi ;
  c. gusuzuma no gucungera ikirere c'Uburundi ;

- gushigikira abasirikare barwanira hasi n'abarwanira mu mazi ;
- kugira uruhara mu bikorwa vy'ukurondera n'ugutababara hamwe no mu bindi bikorwa vyo gufasha abantu bahuye n'ingorane ;

- participer à la protection de l'environnement ;

- assurer les missions de transport aérien.

**Article 59 :**

La Force de la Marine a notamment pour missions de :

- exécuter les directives de l'EMG en matière de la marine ;

- exécuter les orientations du C/FDNB en matière de la marine ;

- défendre les eaux territoriales du Burundi ;

- protéger les usagers des lacs ainsi que leurs moyens navigants ;

- planifier et mener les opérations decontre-piraterie ;

- appuyer la Force Terrestre de la FDNB et /ou participer dans le transport des troupes et des équipements ;

- participer dans les opérations de recherche et de sauvetage et autres opérations humanitaires ;

- former le personnel de la Marine ;

- kugira uruhara mu gukingira ibidukikije vyo mu kiyaga ;

- kurangura ibikorwa vy'ukwunguruza abantu n'ibintu mu kirere.

**Ingingo ya 59 :**

Umuce w'abasirikare barwanira mu mazi ushinzwe imirimo nk'iyi :

- gushira mu ngiro intumbero zisungwa za EMG mu vyerekeye ukurwanira mu mazi ;

- gushira mu ngiro intumbero zitangwa na C/FDNB mu vyerekeye ukurwanira mu mazi ;

- kurwanira amazi y'Uburundi ;

- gukingira abakorera mu biyaga n'ibikoresho vyabo ;

- kugira indinganizo y'ibikorwa vy'ukurwanya abanyuruza abantu n'ibintu bica mu mazi no kubirangura ;
- gushigikira umuce w'abasirikare barwanira hasi w'Urwego FDNB canke kugira uruhara mu kwunguruza abasirikare n'ibikoresho ;
- kugira uruhara mu bikorwa vy'ukurondera n'ugutabara hamwe no mu bindi bikorwa vyo gufasha abantu bahuye n'ingorane ;

- kwigisha abasirikare barwanira mu mazi ;

- participer à la protection de l'environnement lacustre ;

- kugira uruhara mu gukingira ibidukikije vyo mu kiyaga ;

- participer à la lutte contre le trafic lacustre illégal ;

- kugira uruhara mu kurwanya urudandazwa rutemewe n'amategeko;

- participer dans la sûreté et la sécurité portuaires ;

- kugira uruhara mw'iperereza no mu kubungabunga umutekano ku bivuko ;

- assurer les missions de transport lacustre.

- kwunguruza abantu n'ibintu mu biyaga.

## CHAPITRE IV : DE LA COMPOSITION

## IGICE CA IV: IVYEREKEYE ABAGIZE URWEGO FDNB

### Article 60 :

La FDNB est un corps non partisan, ouvert à tous les citoyens burundais, sans discrimination, quels que soient leur appartenance ethnique, régionale, leur sexe et leur religion.

### Ingingo ya 60 :

Urwego FDNB ni urwego rutagira aho rwegamiye mu vya poritike, rwugururiwe abarundi bose, atawurukumirwamwo kubera ubwoko bwiwe, intara avamwo, igitsina ciwe canke idini arimwo.

### Article 61 :

Pendant une période à déterminer par le Sénat, la FDNB ne compte pas plus de 50%des membres appartenant à un groupe ethnique particulier compte tenu de la nécessité d'assurer l'équilibre ethnique et de prévenir les actes de génocide et les coups d'Etat.

Le Ministre ayant la défense nationale dans ses attributions s'assure du maintien de l'équilibre ethnique et régional au sein de la FDNB.

### Ingingo ya 61 :

Mu kiringo gishingwa n'Inama Nkenguzamateka, Urwego FDNB ntirushora kuba rugizwe n'abarenga ibice 50% bava mu bwoko bumwe kugira habe uburinganire muvyerekeye amoko bigatuma bakinga gufata ubutegetsi ku nguvu no gukora ihonyabwoko.

Umushikiranganji ajejwe ukwivuna abansi aritwararika ko ubwoko bwose n'intara zose ziguma ziserukiwe ku rugero rungana.

**Article 62 :**

La FDNB est composée d'Officiers, de Sous-officiers et de Militaires de rang.

**Ingingo ya 62 :**

Urwego FDNB rugizwe n'Intwanzangabo, Ibisongerezi vy'Intwazangabo n'abasirikare batoyi.

**CHAPITRE V : DE L'INSTRUCTION**

**IGICE CA V: IVYEREKEYE INYIGISHO Z'IGISIRIKARE**

**Article 63 :**

Les candidats Officiers sont formés à l'ISCAM, dans un institut, université, académie militaire ou dans tout autre établissement jugé approprié par le C/FDNB.

**Ingingo ya 63 :**

Abitegurira kuba Intwazangabo bigishirizwa mw'Ishure kaminuza ry'intwazangabo ISCAM, ikigo gitanga inyigisho za kaminuza, ishure kaminuza, ishure kaminuza ry'igisirikare, canke mu kigo cose Umukuru w'Urwego FDNB abona ko gikwiye.

**Article 64 :**

L'ISCAM, institut militaire de formation académique et militaire, est régi par un décret.

Il doit se conformer aux textes en vigueur régissant l'enseignement supérieur public au Burundi, en ce qui est de la formation académique.

**Ingingo ya 64 :**

Ishure ISCAM, ni ishure ry'igisirikare ritanga inyigisho za kaminuza n'iz'igisirikare, rigengwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Iryo shure ritegerezwa kwisunga amategeko agenga amashure kaminuza y'Uburundi, mu bijanye n'inyigisho za kaminuza.

**Article 65 :**

L'Ecole Supérieure de Commandement et d'Etat-major forme les Officiers supérieurs burundais et éventuellement étrangers qui remplissent les conditions exigées.

Elle est régie par un décret.

**Ingingo ya 65 :**

Ishure Kaminuza ry'Ugutwara n'Ugutunganya ivyerekeye ingabo ryigisha intwazangabo nkuru z'abarundi n'iz'abanyamahanga bakwije ibisabwa, iyo bikenewe.

Iryo shure rigengwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

**Article 66 :**

Les candidats Sous-officiers sont formés à l'ESO ou dans tout autre établissement jugé approprié par le C/FDNB.

**Article 67 :**

Les Militaires de Rang sont formés dans des CI jugés appropriés par le C/FDNB.

**Articles 68 :**

Tout candidat Officier, candidat Sous-officiers et candidat Militaire de rang est, pendant toute la durée de sa formation, lié à la FDNB par un contrat d'engagement.

Le candidat Officier devient membre actif après prestation de serment.

Les candidats Sous-officier et Militaire de rang deviennent membres actifs après incorporation définitive.

**Article 69 :**

Les membres de la FDNB reçoivent une formation professionnelle et technique appropriée à leurs missions.
Ils reçoivent également une formation portant notamment sur la morale, l'éducation patriotique, l'éthique militaire, la culture de la paix, le respect des droits de la personne humaine, du droit international humanitaire, du genre et les OMP.

**Ingingo ya 66 :**

Abitegurira kuba ibisongerezi vy'Intwanzagabo bigishirizwa mw'Ishure ry'Ibisongerezi vy'Intwanzangabo canke mu rindi shure Umukuru w'Urwego FDNB abona ko rikwiye.

**Ingingo ya 67 :**

Abasirikare batoyi bigishirizwa mu bigo vy'inyigisho z'igisirikare Umukuru w'Urwego FDNB abona ko bikwiye.

**Ingingo ya 68 :**

Uwitegurira wese kuba Intwazangabo, Igisongerezi c'Intwanzangabo n'umusirikare mutoyi, mu kiringo cose aba ariko arakurikirana inyigisho, agengwa n'amasezerano y'ukwinjira mu Rwego FDNB yagiraniye n'urwo Rwego.

Uwitegurira kuba intwazangabo aba intwanzangabo amaze kubirahirira.

Abitegurira kuba ibisongerezi vy'intwazangabo n'abasirikare batoyi baba ibisongerezi n'abasirikare batoyi bamaze kwatirwa mu Rwego FDNB.

**Ingingo ya 69 :**

Abagize Urwego FDNB bararonswa inyigisho zerekeye umwuga n'ubuhinga zijanye n'imirimo bajejwe.
Bararonswa kandi inyigisho nk'izerekeye inyifato ibereye mu gisirikare, ugukunda igihugu, akarangamutima k'igisirikare, ingendo y'amahoro, ukwubahiriza Uburengazira mpuzamakungu bwa kiremwa muntu mu bihe vy'intambara, ukudakumira hafatiwe ku gitsina hamwe n'ivyerekeye ibikorwa vy'ukugarukana amahoro.

**Article 70 :**

La FDNB est ouverte sans discrimination à tous les citoyens burundais désireux d'en faire partie.

**Ingingo ya 70 :**

Urwego FDNB rwugururiwe abarundi bose bipfuza kurwinjiramwo ata n'umwe akumiriwe.

**Article 71 :**

Le processus de recrutement se fait de manière transparente, à titre individuel, sur base du volontariat, de l'aptitude physique, des qualités morales et intellectuelles tout en respectant les équilibres ethniques et régionaux.

**Ingingo ya 71 :**

Ukwinjiza mu Rwego FDNB bikorwa ku mugaragaro, umuntu akinjira kw'izina ryiwe, avyishakiye, afise amagara atuma ashobora ibikorwa vy'igisirikare, yigenza runtu kandi aciye ubwenge, ariko hubarijwe yuko ubwoko bwose n'intara zose biserukirwa.

**Article 72 :**

Les critères de recrutement spécifiques à chaque catégorie des membres de la FDNB sont déterminés par le Ministre ayant la défense nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 72 :**

Ibifatirwako mu kwinjiza mu mugwi umwumwe w'Urwego FDNB bitomorwa n'Umushikiranganji ajejwe ukwivuna abansi.

**Section 2 : Des droits**

**Agace ka 2: Uburenganzira**

**Article 73 :**

Tout membre de la FDNB a droit à la poursuite de sa carrière ou de son contrat au service de la FDNB.

**Ingingo ya 73 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arafise uburenganzira bwo kubandanya umwuga wiwe muri urwo rwego canke amasezerano y'akazi yagiranye na rwo.

**Article 74 :**

Tout membre de la FDNB a droit d'être promu dans sa carrière.

**Ingingo ya 74 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arafise uburenganzira bwo kuduzwa ipete.

**Article 75 :**

Tout membre de la FDNB a droit à une rémunération.

**Ingingo ya 75 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arafise uburenganzira bw'ukuronswa agahembo.

**Article 76 :**

Tout membre de la FDNB est libre de ses opinions religieuses sans préjudice à la réserve due à son métier et au respect de la loi.

**Ingingo ya 76 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arafise umwidegemvyo wo kuja mw'idini ashatse hatirengangijwe ko hari ivyo ategerezwa kwiyubara kubera umwuga wiwe w'igisirikare n'ukwubaha amategeko.

**Article 77 :**

Tout membre de la FDNB a droit à une protection effective contre les menaces, attaques, outrages, injures ou diffamation dont il peut faire l'objet dans ou à l' occasion de l'exercice de ses fonctions. Le coupable est tenu de réparer le préjudice qui en est résulté.

**Ingingo ya 77 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arafise uburenganzira bwo gukingirwa bikwiye iterabwoba, ibitero, ibitutsi, gutyozwa canke kwambikwa ibara ashobora kugirirwa mu kazi canke ariko arangura imirimo ajejwe. Uwagiriwe n'ico caha ategerezwa gutanga indishi ihuye n'inabi umusirikare yakorewe.

**Article 78 :**

Tout membre de la FDNB a droit aux prestations des régimes de sécurité sociale prévues par le code de la sécurité sociale.

**Ingingo ya 78 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arafise uburenganzira bw'ugukorerwa ivyo amashirahamwe ategekaniriza kazoza ategekaniriza abanywanyi bayo nk'uko bitegekanijwe n'Igitabu c'amategeko yerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi.

**Article 79 :**

Tout membre de la FDNB a droit au perfectionnement professionnel lui permettant une amélioration et une adaptation permanentes aux besoins nouveaux de la FDNB.

**Ingingo ya 79 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arafise uburenganzira bw'ugukarihirizwa ubwenge mu kazi, bimutuma arangura neza gusumba imirimo ajejwe n'ukwama ashobora kurangura ibikorwa bishasha mu Rwego FDNB.

**Section 3 : Des grades au sein de la FDNB**

**Article 80 :**

La carrière des militaires est organisée en trois catégories comprenant chacune des grades répartis comme suit :

**Catégories des Officiers**

a. Sous-lieutenant
b. Lieutenant
c. Capitaine
d. Major
e. Lieutenant-Colonel
f. Colonel
g. Général de Brigade
h. Général-Major
i. Lieutenant-Général
j. Général

**Catégorie des Sous-officiers**

a. Sergent
b. Premier Sergent
c. Premier Sergent Major
d. Adjudant
e. Adjudant-Chef
f. Adjudant-Major

**Catégorie des Militaires de Rang**

a. Soldat de **2ème** Classe
b. Soldat de **1ère** Classe
c. Caporal
d. Caporal-Chef

**Agace ka 3 : Amapete yo mu Rwego FDNB.**

**Ingingo ya 80 :**

Umwuga w'abasirikare utunganijwe mu migwi itatu, umugwi umwumwe wose ukabamwo amapete akurikirana uku:

**Umugwi w'Intwazangabo**

a. Suriyetena
b. Riyetena
c. Kapitene
d. Majoro
e. Riyetena Koroneri
f. Koroneri
g. Jenerari wa Birigade
h. Jenerari Majoro
i. Riyetena Jenerari
j. Jenerari

**Umugwi w'Ibisongerezi vy'Intwazangabo**

a. Sereja
b. Sereja mu murwi wa mbere
c. Sereja Majoro mu murwi wa mbere
d. Ajida
e. Ajida Shefu
f. Ajida Majoro

**Umugwi w'Abasirikare batoyi**

a. Umusoda wo mu murwi wa kabiri
b. Umusoda wo mu murwi wa mbere
c. Kaporari
d. Kaporari Shefu

**Article 81 :**

L'avancement de grade de tout militaire s'effectue selon les critères fixés par la loi régissant sa catégorie. Il en va de même de sa dégradation et perte de grade.

**Ingingo ya 81 :**

Ukuduzwa ipete kw'umusirikare wese bigirwa hisunzwe ibifatirwako bishingwa n'ibwirizwa rigenga umugwi arimwo. Ni ko kw'uko nyene no mu gihe ari ukumumanura.

**Section 4 : De la carrière**

**Agace ka 4 : Imyaka umusirikare amara mu mwuga**

**Article 82 :**

Tout membre de la FDNB peut servir jusqu'à la retraite. Sa carrière commence le jour du recrutement.

**Ingingo ya 82 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese arashobora gukora akazi gushika akukuruke. Umwuga wiwe utangura umunsi yinjiriye mu gisirikare.

**Article 83 :**

L'âge limite de retraite de l'Officier en service actif est fixé à :

1. 60 ans révolus pour l'Officier Général ;
2. 55 ans révolus pour l'Officier Supérieur ;
3. 50 ans révolus pour l'Officier Subalterne.

**Ingingo ya 83 :**

Imyaka intwazagabo itarenza mu kazi ishinzwe uku gukurikira :

1. Imyaka 60 ikwiye ku Ntwazangabo yo mu mugwi w'Abajenerari;
2. Imyaka 55 ikwiye ku Ntwazangabo nkuru ;
3. Imyaka 50 ikwiye ku Ntwazangabo isanzwe.

**Article 84 :**

L'âge limite de retraite du Sous-officier en service actif est fixé à 50 ans révolus.

**Ingingo ya 84 :**

Imyaka y'ugukukuruka ku gisongerezi c'intwazangabo ni imyaka 50 ikwiye.

**Article 85 :**

L'âge limite de retraite du Militaire de Rang est fixé à 45 ans révolus.

**Ingingo ya 85 :**

Imyaka y'ugukukuruka ku musirikare mutoyi ni imyaka 45 ikwiye.

**Article 86 :**

Sur demande de l'intéressé et acceptée par le C/FDNB pour la catégorie des Militaires de Rang et par le Ministre ayant la défense nationale dans ses attributions pour les autres catégories, l'âge limite de retraite d'un membre de la FDNB en service actif peut être reporté d'une année au maximum.

**Ingingo ya 86 :**

Bisabwe n'uwo wese abikeneye kandi bikemerwa na C/FDNB ku mugwi w'abasirikare batoyi, ku yindi migwi na ho bikemerwa n'Umushikiranganji ajejwe ukwivuna abansi, imyaka y'ugukukuruka ku musirikare w'Urwego FDNB ishobora kwongerwako umwaka utarenga umwe.

## CHAPITRE VII : DU FONCTIONNEMENT

## IGICE CA VII. INGENE URWEGO FDNB RUKORA

**Article 87 :**

La FDNB est placée sous la plus haute autorité du Président de la République qui en est le Commandant Suprême. Il déclare la guerre et signe l'armistice après consultation du Gouvernement, des Bureaux de l'Assemblée Nationale et du Sénat et du Conseil National de Sécurité.

**Ingingo ya 87 :**

Umukuru w'Igihugu ni we mutegetsi mukuru w'Urwego FDNB ari na we Kizigenza mu ntwaramiheto. Ni we afata ingingo yo kugomora ingabo akongera agashira igikumu ku masezerano yo guhagarika ingwano, abanje kubigisha inama Urwego Nshikiranganji, Ibiro vy'Inama Nshingamateka n'Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka hamwe n'Inama Nkuru y'igihugu ijejwe umutekano.

**Article 88 :**

Dans les limites déterminées par la Constitution et les lois, seul le Président de la République peut autoriser l'usage de la Force armée :

- dans la Défense de l'Etat ;
- dans le rétablissement de l'ordre et de la sécurité publique ;
- dans l'accomplissement des obligations et engagements internationaux.

**Ingingo ya 88 :**

Hubahirijwe ibitegekanijwe mw'Ibwirizwa Shingiro no mu yandi mabwirizwa, Umukuru w'igihugu ni we wenyene afise ububasha bwo kurekura ko hakoreshwa ibirwanisho :

- mu kurwanira igihugu ;
- mu kugarukana umutekano mu gihugu ;
- mu gukurikiza ivyo Uburundi butegerejwe n'ivyo bwiyemeje ku rwego mpuzamakungu.

**Article 89 :**

Le Président de la République confère les ordres nationaux et les décorations de la République aux militaires.

**Ingingo ya 89 :**

Umukuru w'igihugu ni we yambika abasirikare ibidari vy'iteka n'ibindi bimenyetso biranga abatewe iteka n'igihugu.

**Article 90 :**

Lorsque la FDNB est utilisée dans l'un des cas cités à l'article 88 ci-dessus, le Président de la République consulte officiellement les instances compétentes habilitées et informe le Parlement promptement et de façon détaillée sur :

- la ou les raison(s) de l'emploi de la FDNB ;
- tout endroit où cette force est déployée ;
- la période pour laquelle cette force est déployée.

**Ingingo ya 90:**

Mu gihe Urwego FDNB rukoreshejwe muri kimwe mu bitegekanijwe mu ngingo ya 87, Umukuru w'igihugu arahanuza icese inzego zibifitiye ububasha kandi agaca buno nyene amenyesha mu buryo butomoye Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka ibi bukurikira :

- icatumye canke ivyatumye hakoreshwa Urwego FDNB ;
- aho hose urwo Rwego ruriko rurakorera ;
- umwanya urwo rwego ruzomara ruhakorera.

**Article 91 :**

Toute intervention étrangère en dehors des conventions internationales est interdite. Tout recours aux forces étrangères est interdit sauf en cas d'autorisation par le Président de la République.

**Ingingo ya 91 :**

Igikorwa cose c'ukuja kurwana mu kindi gihugu kirabujijwe bitarekuwe n'amasezerano mpuzamakungu. Kirazira kwikora ku nteko mvamahanga kiretse birekuwe n'Umukuru w'Igihugu.

**Article 92 :**

Le Président de la République nomme aux fonctions supérieures militaires les autorités ci-après :

**Ingingo ya 92 :**

Umukuru w'Igihugu ni we agena mu mabanga makurumakuru mu gisirikare abategetsi bakurikira:

- le C/FDNB ;
- le CA/FDNB ;
- les Chefs des Services de l'EMG/FDNB ;
- les Commandants de la Force Terrestre, de la Force Aérienne et de la Force de la Marine de la FDNB ainsi que leurs Adjoints ;
- les Commandants des Divisions ;
- le Commandant de l'Ecole Supérieure de Commandement et d'Etat-major ;
- le Commandant de l'ISCAM ;
- les Magistrats des Juridictions Militaires et du Ministère Public près les Juridictions Militaires.

Les nominations aux fonctions de C/FDNB et de CA/FDNB ne deviennent effectives que si elles sont approuvées par le Sénat.

**Article 93 :**

Les attributions du C/FDNB consistent à :

- exécuter la politique du Gouvernement en matière de la défense ;
- commander et administrer la FDNB ;
- coordonner les activités de l'EMG/FDNB ;
- préparer, à l'intention du Ministre ayant la défense nationale dans ses attributions, un budget de fonctionnement et d'investissement nécessaires au développement, à la préparation opérationnelle, à l'emploi et au soutien de la FDNB ;

- Umukuru w'Urwego FDNB ;
- Icegera c'Umukuru w'Urwego FDNB ;
- Abakuru b'ibisata vya EMG/FDNB ;
- Abakomanda b'imice y'abasirikare barwanira hasi, mu kirere no mu mazi igize Urwego FDNB hamwe n'ivyegera vyabo ;
- Abakomanda b'amadiviziyo ;
- Komanda w'Ishure kaminuza ry'ugutwara n'ugutunganya ivyerekeye ingabo ;
- Komanda wa ISCAM ;
- Abacamanza ba Sentare za gisirikare n'Abashikirizamanza bakukira Sentare za gisirikare ;

Igenwa mu mabanga y'Umukuru w'Urwego FDNB n'ay'Icegera c'Umukuru w'Urwego FDNB rikurikizwa ari uko vyemejwe n'Inama Nkenguzamateka.

**Ingingo ya 93 :**

Umukuru w'Urwego FDNB ashinzwe imirimo ikurikira :

- gushira mu ngiro Poritike ya Reta mu vyerekeye ukwivuna abansi ;
- gutegeka no gutwara Urwego FDNB ;
- gukurikiranira hafi ibikorwa vya EMG/FDNB ;
- kugira integuro ishikirizwa Umushikiranganji ajejwe ukwivuna abansi, y'amafaranga ategekanywa gukoreshwa mu bikorwa vya minsi yose n'ayo gukoresha mu migambi akenewe mu guteza imbere Urwego FDNB, mw'itegurwa ry'ibikorwa vyerekeye ukurwana, ugukoresha urwo rwego no mu kurushigikira ;

- doter la FDNB des capacités nécessaire lui permettant de faire face aux menaces tant internes qu'externes et de participer dans les OMP ;
- préparer les forces pour des missions spécifiques ;
- tenir à jour le plan de défense nationale ;
- veiller au bien-être des membres de la FDNB ;
- promouvoir la coopération militaire avec les autres armées ;
- planifier les recrutements.

**Article 94 :**

Le C /FDNB s'assure de la neutralité politique des membres de la FDNB, de leurs hautes qualités patriotiques et morales, de leur professionnalisme ainsi que de leur caractère inclusif.

**Article 95 :**

Le CA/FDNB assiste le C/FDNB dans l'accomplissement de ses missions. Il assure le commandement de la FDNB en cas d'absence ou d'empêchement temporaire du C/FDNB.

**Article 96 :**

Les fonctions de commandement sont attribuées sur base de compétence et de mérite tout en veillant à assurer les équilibres ethniques et régionaux nécessaires.

- kuronsa Urwego FDNB ubumenyi n'ubushobozi bukenewe kugira rushobore guhangana n'ibishobora kubangamira igihugu bivuye mu gihugu canke inyuma yaco no kugira uruhara mu bikorwa vy'ukugarukana amahoro;
- gutegura ingabo kugira zishobore kurangura imirimo kanaka ;
- gushira ku gihe indinganizo yerekeye ukurwanira igihugu ;
- kwitwararika ko abari mu Rwego FDNB babaho neza ;
- guteza imbere ibijanye n'ugufashanya kw'igisirikare c'Uburundi n'ibisirikare vy'ibindi bihugu ;
- gutegura ivyerekeye kwinjiza mu Rwego FDNB abavyipfuza.

**Ingingo ya 94 :**

Umukuru w'Urwego FDNB aritwararika ko abagize Urwego FDNB ataho begamira mu vya poritike, ko barangwa bimwe biboneka n'ugukunda igihugu n'imigenzo myiza, ko bamenya umwuga wabo hamwe n'uko urwo Rwego ruba rurimwo bose.

**Ingingo ya 95 :**

Icegera c'Umukuru w'Urwego FDNB afasha Umukuru w'Urwego FDNB mw'irangurwa ry'imirimo ajejwe. Ni we atwara Urwego FDNB mu gihe Umukuru w'Urwego FDNB ataba ahari canke yafatiriwe.

**Ingingo ya 96 :**

Amabanga y'ugutwara abandi mu gisirikare ashingwa umusirikare hafatiwe ku bumenyi n'ubushobozi n'amanota afise mu kazi hitwararitswe ko ubwoko bwose n'intara zose biserukirwa uko bikenewe.

**Article 97 :**

Les membres de la FDNB sont placés sous l'autorité exclusive de leurs supérieurs hiérarchiques.

**Article 98 :**

La réquisition d'une unité de la FDNB par l'autorité administrative légalement responsable du maintien de l'ordre et de la sécurité s'exerce conformément à la présente loi organique.

**Article 99 :**

Toute réquisition est écrite. Elle mentionne la disposition légale en vertu de laquelle elle est faite tout en indiquant l'objet, la date, les noms, la qualité ainsi que la signature de l'autorité requérante.

**Article 100 :**

Les opérations nécessaires à l'exécution de la réquisition sont menées sous la responsabilité du Commandant de l'unité. Toutes les informations utiles à l'accomplissement de sa mission.

Au cours de l'exécution, il se maintient en liaison avec l'autorité administrative requérante et l'informe, sauf en cas de force majeure, des moyens d'action qu'il se propose de mettre en œuvre.

**Ingingo ya 97 :**

Abari mu Rwego FDNB bahabwa amategeko gusa n'ababakurira mu kazi.

**Ingingo ya 98 :**

Ukwikora ku mugwi w'Urwego FDNB bigirwa n'umutegetsi wo mu ntwaro yemewe imbere y'amategeko ko ari we abazwa ibijanye n'ukubungabunga umutekano bigirwa hisunzwe iri bwiririzwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro.

**Ingingo ya 99 :**

Ukwikora kubari mu Rwego FDNB mu buryo ubwo ari bwo bwose bitegerezwa gucishwa mu rwandiko. Urwo rwandiko rutegerezwa kwerekana ingingo y'amategeko vyisunze mu kwerekana imvo, igenekerezo, amazina y'umutegetsi abisaba, ico ajejwe hamwe n'umukono wiwe.

**Ingingo ya 100 :**

Ibikorwa bikenewe mu gushira mu ngiro ivyasabwe mu kwikora ku mugwi w'abari mu Rwego FDNB bikorwa bicungerewe n'Uwutwara uwo mugwi.

Mu kurangura imirimo yasabwe, uwutwara umugwi wikozweko aguma avugana n'umutegetsi wo mu ntwaro yabisavye kandi akamumenyesha uburyo abona ko yokeresha, kiretse mu gihe atakundi vyogenda.

De son côté, l'autorité administrative transmet au Commandant de l'unité toutes les informations utiles à l'accomplissement de sa mission.

Umutegetsi wo mu ntwaro na we, ategerezwa gushikiriza uwutwaraumugwi wikozweko inkuru zose zikenewe kugira barangure neza umurimo basabwe.

**Article 101 :**

Les effets de la réquisition cessent lorsque l'autorité requérante signifie par écrit la levée de la réquisition à l'autorité qui était chargée de son exécution.

**Ingingo ya 101 :**

Ibikorwa bijanye n'ukwikora ku basirikare birahagarikwa mu gihe umutegetsi wo mu ntwaro yari yabisavye amenyesheje biciye mu rwandiko umutegetsi yari ajejwe ishirwa mu ngiro ryavyo ko abihagaritse.

## CHAPITRE VIII : DE L'ETHIQUE, DE LA DEONTOLOGIE PROFESSIONNELLE ET DES REGLES DE CONDUITE

## IGICE CA VIII : IVYEREKEYE AKARANGAMUTIMA, AMATEGEKO AGENGA AKARANGAMUTIMA K'UMWUGA N'AMATEGEKO YEREKEYE INYIFATO

**Article 102 :**

Les membres de la FDNB sont en toutes circonstances sous l'autorité effective des pouvoirs politiques constitutionnellement établis.

**Ingingo ya 102 :**

Abari mu Rwego FDNB, bategerezwa, mu bihe vyose, kwama bagamburuka ubutegetsi bw'inzego zashizweho hisunzwe Ibwirizwa Shingiro.

**Article 103 :**

Les membres de la FDNB exercent leurs droits civiques dans les limites des restrictions légales et dans la mesure du rigoureux devoir de réserve auquel ils sont assujettis.

**Ingingo ya 103 :**

Abari mu Rwego FDNB bakoresha uburenganzira bwabo bujanye n'ubwenegihugu kiretse ku vyo batemererwa n'amategeko kandi hatirengangijwe ko hari ivyo bategerezwa kwiyubara kubera umwuga wabo.

**Article 104 :**

Les valeurs fondamentales d'un militaire reposent sur le don de soi et s'articulent autour de l'éthique militaire et du professionnalisme.

**Ingingo ya 104 :**

Imico myiza ngenderwako y'umusirikare ishingiye ku kwitanga kandi ikaba yisunga akarangamutima k'igisirikare n'ukumenya neza umwuga w'igisirikare.

L'éthique se réfère à une culture de responsabilité basée sur des valeurs et principes déontologiques.

Le professionnalisme réside dans la maîtrise et le bon accomplissement de ses fonctions et tâches par le militaire.

Akarangamutima kisunga ingendo y'ukumenya ico umuntu abazwa ishingiye ku mico myiza n'ingingo ngenderwako zijanye n'akarangamutima k'umwuga. Ukumenya neza ibijanye n'umwuga ni ukumenya neza amabanga n'ibikorwa vy'umusirikare hamwe n'ukubirangura neza.

**Article 105 :**

Tout membre de la FDNB, dans l'exercice de ses fonctions, observe les valeurs de discipline, d'intégrité, d'équité, d'impartialité, de responsabilité, de loyauté, de patriotisme, de fidélité, de courage, de dévouement et de respect des droits humains.

**Ingingo ya 105 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese, mu kurangura imirimo ajejwe, ategerezwa kurangwa n'inyifato nziza, ukuba intungane, ukutarenganya, ukutagira aho ahengamira, ukwitwararika, ukuyoboka, ugukunda igihugu, ukudatirigana kw'ibanga, ubutwari, ukwihebera igihugu, n'ukwubahiriza agateka ka muntu.

**Article 106 :**

Dans l'exercicede ses fonctions en général, etdans l'utilisation de la Force en particulier, toutmilitaire doit :

- servir le pays avec patriotisme jusqu'au sacrifice suprême ;
- reconnaître et obéir l'autorité légale dans le strict respect de la loi ;
- respecter les coutumes et les mœurs burundaises ;
- respecter la dignité de la personne humaine en application des lois, traités et conventions internationaux auxquels le Burundi a souscrit et qu'il a ratifiés.

**Ingingo ya 106 :**

Mu kurangura amabanga ajejwe muri rusangi, na cane cane mu gihe akoresha inguvu, umusirikare ategerezwa :

- gukorera igihugu n'umutima wiwe wose kugeza aho acigura ;
- kwemera ubutegetsi bwemewe n'amategeko no kubugamburukira hubahirijwe amategeko ata gucisha impande ;
- kugenderaimigenzo n'imico y'abarundi ;
- kwubahiriza agateka ka kiremwa muntu mu gushira mu ngiro amategeko, amasezerano mpuzamakungu Uburundi bwashizeko umukono n'ayo bwemeje.

**Article 107 :**

Tout militaire doit se comporter de manière régulière et digne en vue de garder la confiance de la population et sauvegarder la bonne image de la FDNB.

**Ingingo ya 107 :**

Umusirikare wese ategerezwa kugira inyifato ihuye n'amategeko kandi runtu kugira abanyagihugu bagume bamwizigiye no kugira Urwego FDNB rugumane ishusho nziza.

**Article 108 :**

Tout membre de la FDNB doit, en plus des obligations statutaires, s'abstenir de toute tentation ou acte de corruption, de toute activité contraire à l'éthique et à la morale, tels que le détournement des deniers publics, le favoritisme, le népotisme, la discrimination, le trafic d'influence et l'indiscrétion professionnelle.

**Ingingo ya 108 :**

Uwuri mu Rwego FDNB wese ategerezwa, uretse ivyo ategerejwe n'amategeko ngenderwako amugenga, kwirinda kugerageza canke kurya igiturire, igikorwa cose giteye kubiri n'akarangamutima n'imico myiza; nk'ukunyuruza amafaranga ya Reta, ukugira nkunzi, aka mwana wa mama, ugukumira, ukwitwaza ububasha afise n'ukutagumya amabanga y'akazi.

**Article 109 :**

Il est interdit à tout militaire de :

- adhérer à un parti politique ou à une association à caractère politique ;
- participer aux activités politiques et à toutes formes de manifestations ;
- porter préjudice aux intérêts d'un parti politique légalement constitué ;
- manifester sa préférence politique ;
- avantager de manière partisane les intérêts d'un parti politique ;
- fonder et s'affilier à un syndicat.

**Ingingo ya 109 :**

Birabujijwe ku musirikare wese:

- kwinjira mu mugambwe canke mw'ishirahamwe rifise intumbero ya poritike ;
- kuja mu bikorwa vya poritike no mu myiyerekano iyo ari yo yose ;
- kubangamira inyungu z'umugambwe washinzwe hubahirijwe amategeko;
- kwerekana ko hari ivyiyumviro vya poritike ashigikiye ;
- kworohereza inyungu z'umugambwe kubera uwushigikiye ;
- gushinga no kuja mw'ishirahamwe riharanira inyungu z'abakozi.

**Article 110 :**

Tout manquement du militaire à ses obligations telles qu'elles ressortent de la présente loi organique dans l'exercice ou en dehors de l'exercice de ses fonctions constitue une faute passible de sanction disciplinaire et/ou pénale.

**Ingingo ya 110 :**

Umusirikare arenze mu buryo ubwo ari bwo bwose ku vyo ategerejwe bitegekanijwe n'iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro mu gihe ariko arangura imirimo ajejwe canke mu bindi bihe, aba akoze ikosa rihanishwa ibihano bijanye n'inyifato mu kazi hamwe canke n'ibihano mpanavyaha.

**Article 111 :**

La sanction disciplinaire varie suivant la gravité du manquement. Elle va de l'avertissement à la révocation.

Les sanctions pénales sont prévues par le code pénal ainsi que d'autres dispositions pénales pertinentes.

**Ingingo 111 :**

Igihano kijanye n'inyifato mu kazi kivana n'uburemere bw'ikosa ryakozwe kikava ku kugabishwa gushika kwirukanwa mu gisirikare.

Ibihano mpanavyaha bitegekanijwe n'Igitabu c'amategeko mpanavyaha hamwe n'izindi ngingo mpanavyaha zivyerekeye.

**Article 112 :**

Afin de promouvoir et harmoniser des relations saines entre les membresde la FDNB et les populations civiles, des programmes nationaux d'informations et de communication, des travaux d'intérêt public et des activités sportives et culturelles sont conçus et mis en œuvre de façon permanente par le Commandement.

**Ingingo ya 112 :**

Mu ntumbero yo gutuma haba imigenderanire myiza hagati y'abari mu Rwego FDNB n'abandi banyagihugu, ubutegetsi bw'urwo rwego bwama butunganya kandi bugashira mu ngiro imigambi y'igihugu y'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru, iyijanye n'ibikorwa vy'ineza ya bose n'ibikorwa vyerekeye inkino n'imico kama.

**CHAPITRE IX : DES DISPOSITIONS PARTICULIERES, TRANSITOIRES ET FINALES**

**Article 113 :**

Le Service et le personnel de l'Aumonérie Militaire sont régis par un statut spécifique.

**Article 114 :**

La FDNB peut employer des cadres et agents civils détachés ou recrutés en fonction de leurs qualifications et du besoin. Ils sont régis par des statuts spécifiques ou des contrats.

**Article 115 :**

La FDNB peut recourir au personnel de réserve.

Le personnel de réserve est constitué de citoyens, toute ethnie confondue, formés militairement à cet effet par la FDNB et d'anciens militaires de carrière pour une durée maximum de deux ans après l'âge limite de retraite. Ils sont appelés réservistes.

**Article 116 :**

Le Commandant Suprême peut mobiliser les réservistes en temps de guerre pour renforcer la FDNB sur le territoire national.

**IGICE CA IX: INGINGO ZIDASANZWE, IZ'IMFATAKIBANZA N'IZISOZERA**

**Ingingo ya 113 :**

Igisata n' abakozi vy' Abibutsamana mu gisirikare bigengwa n' amategeko vyisangije.

**Ingingo ya 114 :**

Urwego FDNB rurashobora gukoresha abakozi bakurubakuru n'abakozi batoyi atari abasirikare baba barahagaritse akandi kazi ka Reta baba barimwo canke bakinjizwa muri ako kazi hafatiwe ku vyo bigiye no ku bikenewe. Bagengwa n'amategeko bisangije canke amasezerano y'akazi.

**Ingingo ya 115 :**

Urwego FDNB rurashobora kwikora ku mugwi w'abashobora gutumwako gufasha mu gisirikare.

Umugwi w'abashobora gutumwako gufasha ugizwe n'abenegihugu, b'ubwoko bwose, bigishijwe n'Urwego FDNB ivy'igisirikare kugira bashobore kurangura ico gikorwa hamwe n'abahoze ari abasirikare mu kiringo kitarenza imyaka ibiri umuntu amaze gukukuruka. Bitwa abashobora gutumwako gufasha mu gisirikare.

**Ingingo ya 116 :**

Kizigenza mu ntwaramiheto arashobora gutumako abashobora gutumwako gufasha mu gisirikare mu gihe c'intambara kugira bunganire Urwego FDNB ku gataka k'Uburundi.

**Article 117 :**

Les réservistes ont un statut militaire, au moment où ils servent, au titre de leur contrat d'engagement. Ils sont régis par un texte règlementaire.

**Ingingo ya 117 :**

Abashobora gutumwako gufasha mu gisirikare bafatwa nk'abasirikare mu gihe baba bariko bararangura ivyo batumiweko, hisunzwe amasezerano bagiraniye n'Urwego FDNB. Bagengwa n'amategeko bisangije.

**Article 118 :**

Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi organique sont abrogées.

**Ingingo ya 118 :**

Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro zirafuswe.

**Article 119 :**

La présente loi organique entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Ingingo ya 119 :**

Iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ritangura gushirwa mu ngiro umunsi ritangarijweko.

**Fait à Bujumbura, le 20/2/2017,**

**Pierre NKURUNZIZA.-**

20.2.2017

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE DU BURUNDI,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE ET GARDE DES SCEAUX**

**Aimée Laurentine KANYANA-**

**Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 20/2/2017,**

**NKURUNZIZA Pierre.-**

20.2.2017

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU C'UBURUNDI**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBLIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE ASHINGURA IKIMANGU CA REPUBLIKA,**

**KANYANA Aimée Laurentine.-**

REPUBLIKA Y'UBURUNDI – REPUBLIQUE DU BURUNDI